# Ishashara Ry'Indwi

Jeffersonville, Indiana, USA

24 Ntwarante 1963 Ku Mugoroba

1 Tugume duhagaze mu gihe turiko turasenga. Mana Ishobora vyose, MutangaBugingo kandi ugatanga izo ngabire z'igiciro zo mu buryo bw'impwemu,vyukuri turashima ibihe bidasanzwe aho dushobora kuronka ugufatanya kwizacane imbere y'Inyonga zawe. Ni ikintu gihambaye mu buzima bwacu, Mwami,akanya tutazigera twibagira igihe cose tuzoba tukiri ngaha kw'isi.

Kandi turagusavye, O Mana, ko kuri uyu mugoroba wa nyuma... Twasomyemu Vyanditswe yuko Yesu, umusi wa nyuma wo mu misi mikuru, yahagazehagati y'isinzi ry'abantu maze agasemerera ati : «Ni haba hari uwufise inyota,naze kuri jewe!» Kandi ndagusavye Data wo mw'Ijuru yuko kuri uno mugorobaivyo vyosubira kuba kandi tugashobora kwumva Ijwi ry'Umwami wacuaduhamagarira igikorwa ciwe ngo turushirizeho kugenda tumwegera. Turumvaneza ko twamaze kwumva Ijwi ryiwe mu ntango y'ukwugururwakw'ibimatanije ca Gitabo ritubwira ko turi mu gihe ca nyuma kandi yuko igihecegereje, kiri ku rugi. Uturonse iyo migisha tugusavye, Data, mw'Izina rya YesuKristo no kubw'icubahiro ciwe. Murashobora kwicara.

2 Nifuza kandi kwongerako ibi, ni uko mu bikorane vyose nagirishije gushikauno musi, ndibaza yuko iyi ndwi yabaye nziza cane kurusha ibindi bihe vyosevyo mu buzima bwanje nkorera Imana. Ni ivy'ukuri ndamaze kubona hakorwaibitangaza bihambaye mu bikorwa vy'ugusengera abarwaye, ariko ibi birarenze.Kimwe mu bintu bikuru bikuru maze kubona kuva mbaho cabaye kuba ngaha nokubona kandi iri hema ritoyi risubirwamwo. Si inyuma gusa, ariko n'imbereharasubiwemwo.

Narabajije Billy... Vyamusavye umwanya munini kugira aze kundondera.Yambariye ko iyi ndwi hari uwundi mugwi w'abantu babatijwe (abo barengaijana); barabatijwe mw'Izina ry'Umwami wacu Yesu Kristo, ni co gitumadushima. Imana ibahezagire.

Ubu ni haba i wanyu ata rusengero ruhari, turabatumiye kuza hano nogufatanya natwe. Mwibuke gusa ko urusengero rwuguruye. Ntituri idini.Ndavyizigira kandi ndavyizera ko ritazigera riba idini, ariko kukaba gusaugufatanya, aho abagabo n'abagore, abahungu n'abakobwa bashobora gukoranira bakikije ameza y'Umwami no gufataniriza hamwe mw'Ijambo;aha vyose turabisangiye.

3 Turafise umwungere mwiza cane, umuntu w'Imana vyukuri. Ivyondabishima cane. Mwibuke bimwe nerekwa mu mwaka uheze aho nabona vyabifungurwa bishinguwe aha hantu. Ni ukuri kutagabanije! Kandi ubu dufiseikibanza ciza c'ishure ryo ku w'iyinga ku runganwe urwo ari rwo rwose, kanditurashima cane kubona twarashoboye kubikora. Bamwe barabajije igihe kimweyuko vyoshoboka ko baronka ayo mashure yo ku w'iyinga ayo boshoborakurungikamwo abana babo. Ubu rero turayafise, muraza i wacu gusa kandidufatanye nimwaba mutagira urusengero i wanyu. Birumvikana, nimwabamufise ishengero ryiza mushobora kujamwo kandi aho bavuga UbutumwaBwiza, aho rero aba ari uwundi mugwi usa n'uwacu. Ariko nimwaba ata nahamwe mufise i wanyu...

4 Ndazi yuko benshi bo muri mwebwe bimutse bava mu mihingo itandukanyey'igihugu kugira baze kuba ino kugira iri shengero ribabere ishengero imiryangoyabo isengeramwo. Hano tubakiranye umutima mwiza kugira ngo mwumvirizeIjambo ry'Umwami. Ndibuka... Aho nagenda, ndibaza yuko nababwiye ko kubinyerekeye, ibikorane kuva ubu bizobera aha mw'Ihema. Sinzi ivyo Umwamiyanteguriye mu misi iri imbere. Ndizigiye ikiganza ciwe (atari amangetengetecanke ibindi); ndarorera gusa uko bukeye uko bwije ko andongora anjana ahonoshobora kumugirira ikimazi. Kandi niyaheza kunkoresha, ndizera koazonyakirana amahoro mu Nzu yiwe.

5 Kandi ndashima cane ugukorera hamwe kw'abantu bo muri iri Hema.Nk'uko Billy yabimbariye iyo ndwi iheze, ndibaza ko umuryango uwo ari wowose w'aha hafi usengera aha mw'Ihema wakiriye abantu. Umwe weseyaruguruye inzu yiwe arakira abari babuze aho barara. Mu vy'ukuri, uko ni koabakristo bakora! Kwa bamwe bamwe, amazu yaruguruwe kugeza aho baburaisaganirizo kugira baraze abantu. Turi mu gihe kigoye kubera abantu benshi baribaje mu vyo kwinonora imitsi (umupira w'amaboko, canke ikindi kimezenk'ivyo) kandi ibibanza bikaba vyari vyafashwe. Ikigeretseko muri iri shengerorito hari abava mu ntara mirongo ibiri n'umunani canke mirongo itatu,kwongerako abandi bava mu bindi bihugu bibiri kandi rero iri koraniro ritoyiry'ikanguro ubwaryo rimaze gufata ibibanza bitari bike.

Uno musi nabajije abantu nti : «Umengo nta bantu benshi b'i Yeferesonivilebari muri bino bikorane.»

6 Hari uwambariye ati : « Ntidushobora kwinjira! » Ico ni co kibituma!Abantu bamwe bamwe mu bagize igipolisi n'abandi bari bashimye kuza mubikorane ariko ntibashoboye kwinjira. Hose hari hamaze kwuzura bataraninjira.Kumbure bazoshobora kuza ikindi gihe, ni co gituma bataje maze hakaba hariabo bantu bose bavuye ahandi. Ivyo turabishima cane!

Ubu hari ikintu ntazi. Inyuma y'ubu butumwa, mu bisanzwe hategerezwagukurikira ubutumwa kuri za Nzamba ndwi. Ariko muri bimwe bimatanije caGitabo bigaragara ko harimwo vyose. Ibihe vy'Ishengero vyaraje kanditwabihaye ikibanza ca mbere, kuko bwari Ubutumwa buhambaye cane kuri ikigihe ariko kwugururwa kwa bimwe bimatanije ca Gitabo kurerekana iyoIshengero rija n'ingene riheza. Ndibaza ko

Data wa twese wo mw'Ijuruyatugiriye Ubuntu budaseswa mu kutwereka ivyo twabonye.

7 Ndavye ku vyo nari naranditse navuzeko Ubutumwa haciye imyakamyinshi, nasanze nari naciye ku masonga gusa ico cigwa, mu kuvuga ivyoniyumvira ko ari vyo kandi nca mpfa kubandanya. Nta ho vyasa bisana. Bimwebine vya mbere bimatanije ca Gitabo nari nabivuzeko Ubutumwa nk'iminotamirongo ibiri! Oh, bamwe bane bagendera ku mafarasi bo mu VyahishuriweYohana, bose nari nabafatiye hamwe, mvuga gusa nti : « Haza ifarasi; yariiy'igitare. » Naravuga nti : « Kumbure ko vyoba ari vya bihe vya mberevy'amashengero. Ifarasi ikurikira izana amapfa », n'ibindi.

Oh, bene Data, ariko igihe Ijambo ryugururwa vyukuri naciye mbonaingene vyari bitandukanye cane! Ni co gituma ari vyiza kwitegereza kanditukarindira. Kumbure ko ari co nategerezwa gukora ico gihe. Ibintu vyinshibirashobora kuba vyaravuzwe ivyo abandi bantu bashobora kutemera, arikondizera ko ugukoranirizwa hamwe guhambaye ni kwagera, aho tuzosanganiraUmwami wacu, muzobona ko vyari vyo. Vyukuri ni vyo!

8 Namwe mwese mutari ab'ino, mwavuye mu mihingo itandukanye, mu ntarano mu bihugu bitandukanye, ese ingene nshima ukuntu imitima yanyuigororotse! Mwakoze urwo rugendo rwose, uyu mwanya mwawukuye kumwanya wanyu w'akaruhuko, bamwe muri mwebwe ntibari bazi n'aho bokwakaindaro canke nta n'amafaranga bari bafise yo kugura ico bafungura. Ndabizikuko jewe ubwanje hari abo nashoboye gufasha ngo baronke aho barara. Harihon'abatari bake bafise amafaranga akwiye kugira ngo bafungure, ariko naho vyariuko baje bitega ko hagira igikorwa kugira ngo ivyo bitorerwe umuti. Bagizeukwizera guhambaye ku buryo kutarya no kubura aho barara ata co vyaribibatwaye, ico bari bahahamiye, kwari ugushobora kwumva ivyo bintu uko birikwose. Ni ubuhizi, murabizi! Kandi bose bari bameze neza cane.

Ubuheruka, narabonanye na muramwanje. Ni we yubatse uru rusengero,kandi naramubwiye ingene nshima igikorwa yakoze. Si ndi umwubatsi kandi ntana kimwe nzi kijanye n'uwo mwuga, ariko ndazi imfuruka ngororotsi ico ari cokandi ndamenya iyo ikozwe neza.

9 Arambarira ati : « Ngira ndakubwire ikintu, sindigera mbona ugushirahamwe nk'uko mu bantu bategerezwa gukorera hamwe. » Mwene Data Wood,mwene Data Roberson n'abandi bose, umwe umwe wese yarakora igikorwaciwe. Mwene Data umwe yashize ibisohora amajwi mu rusengero. Baravugabati : «Vyose bigenda neza cane. » Igihe twaba dukeneye ikintu kanaka habaimisi yose hari umuntu wo kugikora. Uko ni ko Imana yabaye mu vyateguwevyose. Ivyo turabishima cane.

Benshi bagavye vyinshi vyadufashije mu kurangura ivyo, nka mwene DataDauch n'umufasha wiwe bari aha hamwe n'abandi benshi bafashije bimwebiboneka muri kino gikorwa. Kandi ubu vyose vyararishwe. Ivyo turabishima.

10 Mwibuke ko ari urusengero rwanyu kuko muri abakozi ba Kristo. Ni corwubakiwe. Ni umuryango wuguruye kugira haboneke abakozi. Ku bijanyen'abasanzwe ari abakozi ba Kristo, barashobora kwinjira no kunezeranwahamwe mu gufatanya kwa Yesu Kristo. Turashaka ko mumenya ko umwe weseahawe ikaze.

Ubu rero namba igihe mba ndi munsi y'ugusigwa amavuta na Mpwemu,murumva ngerageza gukarira cane amadini, ivyo ntibisigura yuko ndikondwanya umwungere wanyu canke mwene Data kanaka canke mushiki wacuuwo ari we wese wo mw'ishengero ryanyu kuko naho biri uko Imana irafiseabantu bayo mw'idini iryo ari ryo ryose. Ariko ico itemera ni idini. Iremeraumuntu ari mw'idini. Mbere si igihe gusa hari idini, ariko ni igihe abantubagumye bifatanije n'idini ntibashobore kubona ikintu na kimwe kindi kiretseico idini rivuga. Ivyo birababuza gufatanya n'abandi ; ni ibintu bidahimbaraImana, ni ibintu vy'isi bitashizweho n'Imana.

11 Gurtyo rero, sindiko ndavuga abantu, Abakatolika, Abayuda, Abametodiste,Ababatiste, Abaperesibiteriyano canke uwo ari we wese, bava canke batava mumadini, boba abanyedini canke boba atari bo, Imana muri iyo migwi irafisemwoabana bayo. Kandi ndizera ko bariyo kubw'intumbero kanaka, ikaba ari iyogutanga Umuco, usohora abatoranijwe kandi bava mu mihingo yose. Kandi kuriuwo musi w'ubwiza tuzobona ico gihe, Ishengero ry'Umwami Yesu Kristorizohamagarirwa ikoraniro rihambaye mu bicu maze tuduge kumusanganira.Ndanezerewe nkirorereye ico gihe !

Hari ibintu vyinshi vyo kuvuga kandi uno mugoroba ukaba ari uwa nyuma.Mu gikorwa co gusengera abarwaye, nsanze ukurorera ivyo bintu vyiza canebigiye kuba bituma tutagira umutima uri hamwe kandi bigatuma duta umutwe.Ndabona ko biri uko kuri uno mugoroba. Umwe wese ararorereyekubona… vyagenze uko buri mugoroba kw'iyugururwa ry'aya Mashashara.

12 Ubu nashaka gutomora neza ibintu. Igihe cose, igihe cose haba hari ikijanyen'ibi bimatanije ca Gitabo, ivyo nahora nizera ku bijanye n'ivyo hamwe n'ivyonari narasomye nkuye ku bandi vyari bitandukanye n'ivyo nahishuriwe ndi mucumba canje. Kandi iciyumviro canje, mu bihe nk'ibi… Icatumye nkora icogikorwa co gusengera abarwaye mu gitondo ni uko iciyumviro canje nk'umuntugitandukanye cane n'uburyo niyumviramwo. Nagerageje kuguma mu cumbanugaye amadirisha kandi itara ryaka (uno

musi ugira umunani) ; sinigeze mfataimodoka yanje ngo ngire ahantu na hamwe nja.

Vyabaye ngombwa ko njana na bene Data muri banki gushira igikumu kumpapuro zijanye n'amahera yari yaguranywe kugira hubakwe urusengero, arikonaciye ngaruka ubwo nyene mu cumba kugira nige. Kandi igitangaje, nta muntun'umwe yagize ico avuga. Nk'uko bisanzwe, hama hari abantu badodora,bagenda bongera bagaruka. Ubu ho nta n'umwe yaje. Vyukuri ni imbonekarimwe.

13 Mfungurira kwa mwene Data Wood, nk'uko bisanzwe hama huzuyeimiduga kandi hama hari imisi yose abantu umunani canke cumi baba i we muriiki gihe, ariko ubu ho nta n'umwe yaje.25. Kandi kino gitondo… sinzokwigera nibagira ubuntu bw'Umukiza wacuagirira umukozi wiwe adendebukiwe ! Mu kwishura ku kibazo c'umuntu umweaho ngeza kwiyumvira, nciyumvira ko nabikoze neza, ubwo nyene vyaciyebimera nk'aho noba hari ikintu nari mpejeje kwiba umwana. Narumva hariikincirako iteka, ariko sinatahura igituma ! Naribaza nti : « Kumbure ni kuberako ndiko ndihutira gushikira igikorwa co gusengera abarwaye. Kumbure kohoba hari uwumerewe nabi nkaba ntegerezwa kumusengera ubu nyene.» Ncambaza ico kibazo ishengero. Ivyo naciye ndabihishurirwa haheze iminotamikeya. Hari uwaciye ansaba ati : «Ntimwoshobora gusubira gusoma ikibazocanyu ?» Nca mfata agapapuro nsubira gusoma ico kibazo kugira ndabe ivyarivyanditseko hanyuma ndaba mu Gitabo nca nsanga ntariko ndishura kuri icokibazo.

14 Ndababwire ikintu ? Iyo ic'indengakamere kije, kiba ari iciyumviro caKristo. Muca muja kure rwose y'ukuntu musanzwe mwiyumvira ku buryo muvyiyumviro vyanyu bwite… Ntimunsabe kugerageza kubasigurira kukosindabishobora. Ntibikunda. Nta n'umwe yoshobora kubikora. Urya mugaboEliya, ari munsi ya kwa gusigwa amavuta ari ku musozi imbere y'Imanayashoboye gute kumanura umuriro uvuye mw'Ijuru, agatuma imvura igwa ubwonyene inyuma y'umuriro, agakinga ijuru kugira ntihagire imvura ikoroka mugihe c'imyaka itatu n'amezi atandatu kandi akagarukana imvura ikongera kugwauwo musi nyene, kandi ari munsi y'ugusigwa amavuta agafata bamwe ba kamenyi amajana ane maze akabica, hanyuma agahungira mu bugaragwakubw'iterabwoba ry'umugore ari we Yezebeli, yari yarahiye kumwica ? Ico giheni ho Ahabu n'abandi bose bashoboye kubona ko Imana ari ho iri n'ugushikakw'igitangaza gikomeye.

15 Murabona ko Mpwemu yari yamuvuyeko. Mu kwiyumvira kwiwenk'umuntu ntiyari azi ico yokwiyumvira ! Ntiyari gushobora kwiyumvira ukoavyigombeye. Ariko amaze kuryama no kuruhuka, mwibuke yuko umumarayikayamuvyuye maze akamuha udutsima two kurya yongera kumureka arasinzirakugira aruhuke. Hanyuma umumarayika asubira kumukangura yongera kumuhautundi dutsima. Hanyuma ntituzi ivyamushikiye muri irya misi mirongo ine.Yari yashizwe ahantu hamwe mw'isenga aho Imana yamuhamagaye ari.

16 Ntimugerageze gusigura ivy'Imana ikora vy'akataraboneka : nta vyomwoshobora ; ikintu kimwe co gukora ni ugutera muja imbere gusa.Ndagerageza gusigura neza no kubitomora uko bishoboka ariko ndibaza ko kuvaubu ntazopfa nsubiriye. Kimwe murizera canke ntimwizere. Muzotahuraigituma mu nyuma.

Nagerageje kuvuga ukuri, Imana irabizi. Kandi ku vyerekeye ca kibazo comu gitondo, nagerageje kucishura nk'uko nshoboye kwose. Nari nasomye gusaigice ca mbere c'umurongo kandi ivyo nta kuntu vyari kuba vyo. ArikoMpwemu Yera atahuye yuko iciyumviro canje… Murabona ivyabaye iyi misiibiri canke itatu iheruka. Muri ca gitondo, murabona ko navuze amajana indwiaho kuvuga ibihumbi indwi.

17 Ikindi gihe nashaka kuvuga «inuma » nca mvuga « umwagazi w'intama »ariko naciye nikosora ubwo nyene. Ku bijanye n'ico kindi kibazo aho ntamenyeikosa ryanje ubwo nyene, Mpwemu Yera yaciye ahansubizamwo ubwo nyene.Congera kuba ikimenyamenya ko ibi bintu ari ivy'ukuri. Imana nta co idakorakugira ngo bibe ukuri. Ni ivy'ukuri. Ishaka ko mumenya ko ari ukuri. Ni Yoirungika ivyo kuko ari inyigisho kuri jewe no kuri mwebwe.

Rero ndashima cane ku vyo maze kumenya kandi biva ku Mwami, bikababinyereka ibihe tugezemwo. Turi mu gihe c'iherezo imbere y'uko ishengerorigenda. Ubu ko tumaze umwanya tuvuga, twongere dusabire umugisha Ijamboryayo.

18 Data wa twese wo mw'Ijuru, dutanguye uno mugoroba mwiza, kano kanyakeza aho hari ikintu cakoretse. Ivyo vyakwiragiye mu bantu. Kandi Data,ndagusavye yuko uno mugoroba bihishurwa mu mitima n'ivyiyumvirovy'abantu kandi bamenye ata gukekeranya na gukeya ko Imana ikiri kuri ya Ntebe kandi ko igikunda abantu bayo, kandi ko ca gihe abantu barorereyekubona kuva kera cegereje kuko baboroga bipfuza gucungurwa.

Ubu turashobora kubona ibintu bizosubizaho vyose. Ubu turashoborakubona neza bimwe mu bigiye gushitsa ishengero mu Nyonga za Kristo.Turashobora kubona Umugeni atororokana, yambara impuzu y'ubukwe kandiyitegura. Turashobora kubona umuco uja hirya no hino. Turazi ko tugezekw'iherezo.

Ubu rero, Data wo mw'Ijuru kuri uno mugoroba tugiye kuvuga Ubutumwakuri iki kintu ciza kandi gihambaye haheze hafi imyaka ibihumbi bibiri kibereyemu Bwiza maze kibariwe Yohana, umwigishwa wawe ahambaye wakunda cane.Ivyo ni vyo tuja kuvugako uno mugoroba.

Mpwemu Yera n'aze mu bushobozi bwiwe buhambaye bwo guhishurakugira ngo ashobore kuduhishurira ivyo bintu ashaka ko tumenya nk'ukoyabikoze iyi migoroba ishize. Turakwishikaniye kugira ngo dufashwe n'Ijambomw'Izina rya Yesu. Amen.

19 Ni mwaba mugomba kuraba muri Bibiliya zanyu, tuja gusoma gusaumurongo umwe mutoyi cane wo mu Vyanditswe, ni ica nyuma kimatanije caGitabo. Ejo ku mugoroba twaravuze ku ca gatandatu kimatanije ca Gitabo. Icambere kimatanije ca Gitabo cabaye ico kugaragazwa kwa antikristo. Igiheciwe cararangiye kandi twarabonye ingene yaje, ingene ca kinyabugingokizanywe n'ubushobozi bw'Imana kiza guhangana n'ubushobozi bwaAntikristo kugira kibugwanye. Sinibaza ko hari uwufise ikibazo kuri icocigwa.

Turabona kandi ubwo nyene inyuma y'ibihe vy'ishengero ko ibintu vyaciyebihinduka. Murabona ko ata kindi kinyabugingo kiza, ariko ico gihe ducatwinjira mu gihe ca vya vyago bihambaye, ishengero rimaze kugenda. Eseingene vyose bihuye neza n'ibihe vy'ishengero! Nta n'akazatsa, nta n'akantu nagatoyi mbona kadahuye neza na vyo. Ibihe vy'ishengero, ibihe n'ivyo bintuvyose, vyose birahuye. Nimuvyiyumvireko! Ivyo bitwereka neza ko vyaribikwiye ko iba ari Imana ikora ivyo. Iciyumviro c'umuntu nticari gushoborakubimenya.

20 Mu nyuma hari ikintu twabonye. Umwami yatumye dufata Ivyanditswe,Ivyanditswe Vyera kandi twarabonye ivyo Yesu avuga ko bitegerezwa gushika.Mbega ivyo twabibonye gute? Ariko raba ingene aza agahishura ivyo bintu nezana neza mu butumwa bwiwe yavuze yishura kandi yerekana neza bimwebitandatu vya mbere bimatanije ca Gitabo, ariko hatarimwo ikigira indwi. Nimubirabe neza, igihe bimwe bimatanije ca Gitabo vyugururwa,Imana ntiyahishuye n'akamenyetso na gatoya kajanye n'ic'indwikimatanije ca Gitabo. Ni ibanga ry'Imana koko. Ivyo tubisanga mu gicec'umunani. «Kand'amenye ikigira indwi kimatanije ico gitabo, haba agacereremw'Ijuru nk'igihimba c'isaha » (Ivyo vyonyene ni vyo tuzi kuri ico kintu)

21 Ubu rero turaja kugerageza kutabafatira umwanya munini kubwoabategerezwa gufata amabarabara bataha kuri uno mugoroba. Nari niyumviriyekwongera gukora igikorwa co gusengera abarwaye mu gitondo, ivyo bikababvyari gutuma muzozinduka gukora igikorwa co gusengera abarwaye mugitondo, ivyo bikaba vyari gutuma muzozinduka mutaha (ntimwari kwirirwamurarindira). Nanje nyene, ivyo vyari kumfasha kuko ntegerezwa gutaha iTucson muri Arizona aho nsigaye mba. Umwami abikunze, noshimye kugarukaino, umuryango washaka kugaruka kumara imisi mikeyi mu kwezi kwagatandatu. Kumbure ko nzoshobora kubabona ico gihe mu gikorane.

22 Ibikorane vyanje bikurikira bizobera i Albuquerque muri NouveauMexique; nibaza ko hazoba ari itariki 9, 10 na 11. Nzoba ari yo ndi ku wa Kaneno ku wa Gatanu mweranda. Vyabaye ngombwa ko ndabikurikiranya kandigushika uyu musi hariho izindi nteguro z'ibikorane nsanzwe mfise, ni co gitumanshobora kugenda ku wa kane no ku wa gatanu ku mugoroba i Albuqurque muriNouveau Mexique.

Kandi mu bisanzwe igikorane kizokurikira kizoduhuza n'abagenzi banje bomu murwi«Akamo ko mu Gicugu» muri «Southern Pines» muri Caroline yo mu buraruko(Sindabimenya neza) muri Caroline ya ruguru. Mbere n'ubu barikobaratwumviriza biciye ku materefone, ivyo bivugiye bakoresheje teregarame.Baciye begera uwundi murwi, abantu b'« Izina rya Yesu » bo muri Little Rock, abo twagiranye igikorane muri CowPalace mu ci riheze. Ubu bari mu nama y'abakozi babo i « Little Rock » muriArkansas. Kandi kuva mu mwaka uheze bari bipfuje cane ko noja mu namayabo. Bari bashatse ko nja muri iyo nama yose, ariko bemeye ko njayon'umugoroba n'umwe.

23 Ni co gituma nababwiye, ntazi neza ico ndi bukore, gusohora itangazory'agateganyo bazoheza bakemeza mu nyuma. [Mwene Data Branham arikoavugana n'umuntu ku bijanye n'ico gikorane. -U] (Ni i Hot Springs ? Reronsanze nihenze. Kw'igenekerezo rya 24 ukwezi kwa gatanu ? Kuva itariki 24 gushika itariki 28 z'ukwezi kwa gatandatu). Ni uko ! Itangazo ry'agateganyoryasohowe. Ni ukuvuga ni kwaba ari ukugomba kw'Umwami.

Ng'ico igituma nkunda gukora ivyo bintu. Muzobitahura mu nyuma. Iyongira nje ahantu kanaka nshima guhonyoza ikirenge ahantu nzi ko Imanayambariye iti : « Gendayo !» Rero iyo umwansi ashaka guhaguruka ngoarwanye, aho ari ho hose, ndavuga nti : « Ndi ngaha mw'Izina ry'UmwamiYesu, mva i ruhande ! » Aho rero uba uzi neza aho uhagaze, murabona.

Aho azokurungika hose, azokwitwararika. Ariko upfuye kujayo ukouvyiyumviriye, aho rero ntaco ndabiziko. Arashobora kutahaba. Ni co gitumauko bishoboka kwose, nkunda kuba ntakekeranya. Hari vyinshi nagiye niyemezagukora atambwiye kubikora, ariko kandi bishobotse ndakunda kuvuga ibintu nzineza ata gukekeranya. Ubu rero, Umwami abahezagire mwese.

24 Nk'uko twamaze kubibona hano ko hari umurongo umwe wonyene,ngomba kugira ico nkoze imbere yo gutangura. Mwabonye ko twasimvye igicec'indwi. Igice ca gatandatu giheraheza ica gatandatu kimatanije ca Gitabo, arikohagati y'ica gatandatu n'ic'indwi bimatanije ca Gitabo, hari ikintu kiba,murabibona ? Kandi ese ukuntu biri mu kibanza cavyo neza, hagati y'igice cagatandatu n'ic'umunani.

Ubu nimurabe ko hagati y'ica gatandatu n'ic'indwi bimatanije ca Gitabohari umwanya hagati y'igice ca gatandatu n'ic'umunani c'IvyahishuriweYohana. Uwo mwanya uri hagati y'ica gatandatu n'ic'indwi bimatanije caGitabo. Birakenewe ko tubimenya. Ni ivya ngombwa cane ko twiyubara kuriako kanya.

25 Mwibuke kandi ko inyuma y'igice ca kane c'Ivyahishuriwe Yohana,Ishengero riba ryagiye. Bamwe bagendera ku mafarasi bamaze gusohoka,Ishengero riba ryagiye. Murabibona ? Ivyashikiye Ishengero vyosebiherera ku murongo wa mbere w'igice ca kane c'Ivyahishuriwe Yohana.Ivyashitse vyose mu vyo Antikristo yagiye akora bigarukira ku gice ca kane,n'ikigira kane kimatanije ca Gitabo c'Uguhishurwa (kuri Antikristo no kuriKristo) giherera aho. Antikristo aza gucirirwa urubanza ari kumwe n'ingaboziwe maze Kristo na We nyene akazanana n'Ingabo ziwe.

Ni intambara ya kera yatanguye mu bihe vya kera, kandi Satanin'abamarayika biwe baciye birukanwa. Baca baza kw'isi aho intambara yaciyeisubira gutangurira kuko Eva yari yarenze imbibe z'Ijambo ry'Imana izo yariahishijwemwo. Kuva ico gihe, Satani yaciye atsinda intambara yo kurwanyaIjambo ry'Imana kuko umwe mu bantu b'Imana, umunyantege nke wa cane,yakuyeho uruzitiro rw'Ijambo.

26 Kandi ukwo nyene ni kwo atsinda urugamba kuko umwe mu bantu bayoyamanuye urubibe rw'Ijambo. Kandi ni vyo vyabaye mu gihe ca nyuma c'Ishengero mu buryo bwo gukora bw'amadini, kuko Ishengero ryera ry'ukurikandi ry'inkomoko ry'Imana Nzima ryo mu gihe c'intare ritashatse kwemeraIjambo kandi rituma ishengero ritera ibitugu Ijambo, rihindukirira imitegekere.

Ni bangahe muri mwebwe bazi yuko ishengero Katolika ry'i Romaryubakiye ku mitegekere ? Baravyemera ? Ego cane ! Baravyemera, ni vyokandi ntakubikekeranya ! Kubibwira abakatolika ntibibatsitaza na gato kukobarabizi. Mbere nta gihe giheze bongeyeko ikindi kintu kivuga ko Mariyayazutse. Muribuka ko haheze hafi imyaka cumi ivyo bibaye. Ni bangahe murimwebwe bavyibuka ? Ibinyamakuru… ego, ni umutegekere mushasha. Ivyovyose, si Ijambo ahubwo ni imitegekere.

27 Ubushize, narabonanye n'umupatiri arambarira ati : « MushingantaheBranham, Imana iri mw'ishengero ryayo. » Nca ndamwishura nti : « Imana iri mw'Ijambo ryayo ! »Aca arambarira ati : « Ivyo ntitwobiharirako.»

Ndamubarira nti : «Simparira, ndavyemeza gusa. » Imana iri mw'Ijamboryayo ; ni ivy'ukuri. « Uwuzogira ico akura kw'Ijambo canke akongerako…»Ijambo ni ryo ribivuga.

Aca arambarira ati : « Naho biri uko Kristo yarahaye Ishengero ryiweububasha kandi ababarira yuko ico bazoboha kw'isi kizoba kiboshwe nomw'Ijuru. » Nca ndavuga nti : « Ni ukuri kutagabanije.» Aranyishura ati : « Dufise Ububasha bwo guharira ivyaha twishimikijeivyo.»

Naramubariye nti : « Ni mwaba mubikora nk'uko vyahawe ishengero no muburyo babikozemwo, aho rero ndavyemera. Hamwe wovyemera, ngaha harihoamazi kugira uce ubatizwa mw'Izina ry'Umwami Yesu Kristo kugira ngomubone guharirwa ivyaha vyanyu. Kandi si umuntu azoza gusa kubabwira koivyaha vyanyu bihariwe. » Ni ivyo nyene.

28 Ni murabe Petero afise za mfunguzo kuri wa musi wa Pentekote ! Mwibukeko afise za mfunguzo zavuzwe. Abantu bari babajije bati : « Bagabo bene Data,none tugire dute ngo dukizwe ? »

Petero aravuga ati : « Nimwihane, kandi umwe wese wo muri mwebweabatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo. » « Kubera iki ? » Kugira ngo mubone guharirwa ivyaha ; hanyuma muzoronka ingabire yaMpwemu Yera. Kuko isezerano ari iryanyu, kand'ar'iry'abana banyu n'abarikure bose, abazohamagarwa bose n'Umwami Imana yacu. Ni ivy'ukuri. Ivyovyama birangiza impari. Biraheze. Ivyo vyarakozwe.

Ariko murabona ko Antikristo yaje nk'uko twamudondoye kandi tukongeratukamwerekana. Mbega uguhishurirwa ! Oh, bene Data ! Ese iyo niyumviriyeiyo myaka yose twamubonye agendera kw'ifarasi, kandi aho ivyo ari neza naneza UKU NI KO UHORAHO AGIZE !

29 Twabonye n'uko hari umwanya hagari y'igice ca gatandatu n'ic'umunani.Kandi igice c'indwi co mu Vyahishuriwe Yohana hari ico kiduhishurira.Ntikibereyeho ubusa. Murabona ko kitashiriweho ubusa. Kiharikubw'intumbero kanaka ; kandi uguhishurirwa kuratwereka ikintu kanaka.

Murabe ingene ari ivy'akabanga n'ingene bihura neza n'ibiharuro vyo muVyanditswe. Neza cane. Murizera ibiharuro vy'Imana ? Nimwaba mutavyizeranta nkeka ko muzoba muzimiye kuko nta nkeka ko muzoba muzimiriyemw'Ijambo. Iyo mutanguye kwongerako kane canke gatandatu, canke ico ari cocose ku majambo yose y'ibiharuro ari mu rutonde rutunganye, hazoba hasigayeko mubona inka iriko irarisha ku bushorishori bw'igiti ! Muzohazimirira kukoIjambo ry'Imana ryose ryanditswe hakoreshejwe ibiharuro. Nta nkeka ! Nezacane ! Nta kindi gitabo canditse mu biharuro bitunganye nk'uko.

30 Iki gice c'umunani cerekana gusa ibiba mu kigira ndwi kimatanije ca Gitaboaho ata na kimwe gihishurwa. Nta na kimwe gihishurwa mu kigira indwikimatanije ca Gitabo. Ariko nta sano na rito gifitaniye

n'igice c'indwi co muVyahishuriwe Yohana. Uko guhishurwa kw'ic'indwi kimatanije ca Gitabonta co kutubwira. Iyo mba nari mfise umwanya nkoresheje imirongo imweimwe nogerageje kubera ko ikigira ndwi kimatanije ca Gitabo kivugwa kuvamw'Itanguriro ! Kuva mu ntango y'Igitabo c'Itanguriro turabona haboneka ibibimatanije ca Gitabo.63. Ntimushobora kwibuka ingene ivyo bintu vyavuzwe mu gatondo ? Kuri unomugoroba ivyo nimubirabe mu gihe turiko turabivuga kandi muraja kubona kodushitse ku c'indwi kimatanije ca Gitabo ibintu bica bihagarara. Yesu Kristoubwiwe, mu kuvuga ku bihe vy'iherezo, yerekanye bitandatu vya mbere mubimatanije ca Gitabo. Ariko ashitse ku c'indwi kimatanije ca Gitabo, yaciyeagarukira aho. Ni uko, murabona. Ni ikintu gihambaye !

31 Ubu tugiye kuvuga kuri iki gice c'indwi mu kanya, kugira duhuze icagatandatu n'ic'indwi bimatanije ca Gitabo kuko aho ni ho hari ivya nkenerwavyose kugira ngo dushobore kubandanya dutera tuja imbere muri aka kanya. Hagati y'ica gatandatu n'ic'indwi bimatanije ca Gitabo hahamagarwaAbisirayeli.

Mu bari ngaha kuri uno mugoroba ndafisemwo abagenzi benshi bahoze ariIvyabona vya Yehova. Kumbure ko bamwe bamwe boba bakiri bo.Nk'umushingantahe Russel, bamye bafata bamwe ibihumbi ijana na mirongo inena bine (144.000) nk'aho boba bari mu mugeni adasanzwe wa Kristo,murabibona ? Si ivyo. Nta co basa basana na vya bihe vy'Ishengero. Ata nkekahavugwa Abisirayeli. Mbere duhava tubisoma mu mwanya mutoyi. Ubu rerouwo mwanya uri hagati y'ica gatandatu… Ba Bayuda ibihumbi ijana na mirongoine na bine bahamagarwa muri ca gihe ca vya vyago bihambaye Ishengerorimaze kugenda barahamagarwa kandi bagashirwako ikimenyetso mu gicec'indwi. Murabibona ? Ivyo nta co bipfana na vya bihe vy'Ishengero.Bahamagarwa bihuye neza n'Ivyanditswe (iyo minsi itatu n'igice ya nyumayagenewe ubwoko bwa Daniyeli, murabona). Aha ntihavugwa abanyamahangaariko havugwa ubwoko bwa Daniyeli, kuko Daniyeli yari umuyuda.

32 Mumenye kandi ibi : Abisirayeli bizera gusa abavugishwa n'Imana bo mubwoko bwabo, kandi igihe gusa bamaze kwemezwa. Mu bihe vy'ishengero ivyontivyigeze bibaho, n'aho twosubira inyuma mw'ishengero rya mberery'intumwa, ishengero ry'abaporoti ntiryigeze rigira uwuvugishwa n'Imana.Atari uko ni mumunyereke kandi mumbwire uwo ari we. Ntaho vyakabaye.Harabonetse umwe mu gihe ca mbere c'intumwa, uwitwa Agabo yariUwuvugishwa n'Imana yemejwe. Ariko igihe abanyamahanga binjiriye mumugabane w'Imana, igihe Paulo ahindukiriye abanyamahanga inyuma y'aho Petero (nk'uko twabisomye ejo ku mugoroba) aherewe n'Umwami icagezwe coguhagurutsa mu banyamahanga abantu bitirirwa Izina Ryiwe (Umugeni wiwe),ntitwigera tubona mu bitabo vyanditse ku vya kahise umuvugishwa w'Abanyamahanga.

33 Murashobora kugerageza kurondera muri Kahise ! Kubera iki ivyo ? Kuberako atari uko vyoba binyuranye cane n'Ijambo. Neza cane ! Igihe ikinyabugingoca mbere caseruka, casa n'intambwe. Yari umuvugishwa n'Imana afise Ijambo.Hanyuma cabaye igikorwa, ikimazi caserutse. Hakurikira ubwenge,ubukerebutsi bw'umuntu. Ariko twarasezeraniwe ko mu misi y'iherezo ivyobizogaruka kw'Ishengero kugira bisubizeho ivyari vyarahushije inziravyose kandi vyari vyasigaye bidaherahejwe, kuko hano hari harabuwe koUbutumwa bw'Umumarayika w'indwi buzoheraheza amabanga y'Imana.Ivyo vyose twarabibonye. Twarabonye ko vyari bihuye neza n'Ivyanditswe.Ng'ico igituma.

34 Murashobora kwiyumvira ibizoba igihe uwo muntu azotangura gukora ?Igihe azozira, muvyibuke, azoba aciye bugufi cane ku buryo amadini atazomumenya na gato. Turashobora kwiyumvira ko amadini akiganzwan'imigenzo y'abaringanije ukundi gusha ivy'ugusenga, azigera yakirauwuvugishwa ava ku Mana azorwanya inyigisho zabo n'amadini yabo ?

Hari umuntu umwe gusa ashobora gukora ivyo. Nzi impwemu imwe gusayigeze kuba iri kw'isi : ategerezwa kuba ari Eliya nk'uko yari ari mu gihe ciwe.Kandi twaraburiwe ico azoba ari, na we akazoba atari uwundi atari Mpwemu waKristo. Igihe Kristo yaza, yari ukunengesera kw'Ubumana. Yari wamuvugishwa n'Imana. Yari Imana y'abavugishwa na Yo. Murabibona ?

35 Kristo. Raba ingene bamwanse. Yamara yari yaje neza na neza nk'ukoIjambo ryavuze ko azoza. Ariko kubera yari uwuvugishwa n'Imana, abobantu bikuye bo nyene mu Bwami bw'Imana kubwo kurogota kwabokujanye no gufata Mpwemu w'Imana (igihe yariko arasesa ibiri mu mitiman'ibindi) nk'impwemu mbi. Baravuze ko ari umupfumu canke idayimoni. Reroumupfumu ni idayimoni, murabona, ni impwemu y'idayimoni. Nta nkeka.Mwari mubizi ? Koko ! Ubupfumu ni ukwigana ivyo ubuvugishwa, ico na cokikaba ari ukurogota imbere y'Imana.

36 Raba yuko ivyo vyose bihuye neza n'Ivyanditswe vyera ku bijanye na yamyaka itatu n'igice ya nyuma ya Daniyeli. Mumenye neza ko mw'isezerano ryakera abizera b'Abisirayeli babwiwe kwizera abavugishwa n'Imana mu gihebemejwe. «Muri mwebwe ni haba hariho umuntu w'impwemu cankeuwuvugishwa, jewe, Uhoraho Imana yawe nzomwiyereka kandi mvuganire nawe mu kwerekwa no mu nzozi. » Azosobanura inzozi.

Umuntu niyarota inzozi, uwo muvugishwa azoshobora kuzisobanura. Kandiniyagira ukwerekwa, azovuga ivyo yeretswe : « Nzomwiyerekera mu kwerekwano mu nzozi. Jewe nyene nzomwiyereka. Kandi ivyo avuze nivyashika, muhezemwumvirize uwo muvugishwa kuko nzoba ndi kumwe na we. Ivyo

nibitashika,ntimumutinye.» N'ivy'ukuri. « Nimumuje kure ! Ivyo muravyihoza ! »Murabibona ?

37 Gurtyo rero Abisirayeli ivyo bazokwama bavyizera. Ntimutahura igituma ?Kuri uno mugoroba, nagomba ko mutahura neza iki cigwa. Kubera iki ivyo ?Kubera ko ari icagezwe Imana yabahaye. Udutabo n'ivyandiko abanyamahangabobarungikira nta co bivuze ! N'aho mwozunguruka Isirayeli yose mufise amaBibiliya yanyu mu kwaha, mugerageza kubemeza ibi canke biriya ! Nta cobazokwakira atari uwuvugishwa n'Imana. Ni ukuri kutagabanije. Kukouwuvugishwa n'Imana wenyene ni we ashobora gufata Ijambo ry'Imanamaze akarishira mu kibanza caryo, kandi akaba uwuvugishwa n'Imanayemejwe. Ivyo ni vyo bizera. Ni ivy'ukuri !

38 Nararonse akaryo ko kuvugana n'Umuyuda i Benton Harbor igihe JohnRyan, yari yavutse ari impumyi yahumuka. Baranjanye hariya hejuru kuri yanzu ya Dawidi. Umwigisha umwe wo mu Bayuda w'ubwanwa burebureyarasohotse kunsanganira kandi arambarira ati : « Ni ubuhe bubashamwakoresheje kugira John Ryan asubire kubona ? » Ndamubwira nti :«Mw'Izina rya Yesu Kristo Umwana w'Imana ! »

Aca aranyishura ati : « Iciyumviro c'uko Imana yogira Umwana kibe kureyanje ! Na mwebwe ntimwokwigera mushobora guhimburamwo gutatu Imanamaze mukavyemeza Umuyuda, mukayigira imana zitatu ! Muba muri umugwiw'abapagani gusa ! »

Ndamubwira nti : « Imana sindayihimbuyemwo ibihimba bitatu ! Mwigisha,mbega ntivyoba bitangaje kwizera ko hari umwe wo mu bavugishwa n'Imanabanyu yoba yaravuze ikintu kitari co ? » Aca arambwira ati : « Abavugishwa n'Imana bacu nta co bavuga kitarico ! »Ndamwishura nti : « None muri Yesaya 9 : 6 havuga kuri nde ?»Aca arambarira ati : «Havuga kuri Mesiya. »Ndavuga nti : « Rero Mesiya azoba ari umuntu avugishwa n'Imana.»Aca arambarira ati : « Ego mushingantahe, ni ivy'ukuri. »

Ni ho navuga nti : « Nyereka aho Yesu atahuje n'ivyo. Ni irihe sano ririhagati y'umuvugishwa-Mesiya n'Imana? » Aranyishura ati : « Azoba ari Imana!»

Ndavuga nti : « Ni ivy'ukuri. Gurtyo rero murabona ko vyanditsemw'Ijambo! » Nkaba mbesha Imana impinyuze! Amosozi aca atangura gutembaku matama y'uwo muyuda yari aho maze arambarira ati : « Nzoza kubumvirizahanyuma. » Ndavuga nti : «Mbega ivyo muravyizera ?»

Aca arambarira ati : « Murabona, ayo mabuye Imana ishoboye kuyahagurutsamwo abana ba Aburahamu. » (Ico gihe naramenye ko yarimw'isezerano rishasha.) Ndavuga nti : «Ni vyo, mwigisha; none mugiye gukoraiki? »

Arambarira ati : « Hamwe ivyo notangura kuvyigisha nokanguka ndi hariyahepfo (murazi ko amasinagogi yabo ari ku mpinga y'umusozi) mw'ibarabaraaho ata kindi nokora atari ugusegerereza ivyo ndya. »

Nca ndavuga nti : « Noshima kuja mw'ibarabara gusegerereza utwo ndya(uwo muyuda yari acumiye ku mafaranga, murabitahura, kandi izina ryiwe ryariryandikishije inyuguti z'izahabu... Noshima kwibera hariya hepfo nirira ibisuguti vyumye nongera nywa amazi yo mw'irobine nzi ko mfitaniye amahoron'Imana kandi ndi umwizigirwa, hako mba aha n'izina ryanje ryanditse munyuguti z'izahabu kuri ino nzu, ariko nzi neza ko ndi kure y'Imana! »Ntiyasubiriye no kugomba kwumva na kimwe mvuga. Ni ho rero yaca ataha.

39 Ni uko! Ntimushobora guhimbagura Imana ibihimbabibiri canke bitatu, ngo muvyite Data, Mwana na Mpwemu Yera, mukabigiraImana zitatu maze mukabihereza Umuyuda. Ibwirizwa ryayo mbere ni : «Ntihazogire izindi mana umbangikanya. Ndi Uhoraho, Imana yawe. » Yesuavuga iki? Yesu yaravuze ati : « Ni mwumve yemwe Bisirayeli : Ndi UhorahoImana yawe!» Imana imwe ariko atari zitatu! » Ntimushobora kwigeramubahereza ivyo. Nta wuvugishwa n'Imana n'umwe azigera avuga imanazitatu. Ntimuzigera muvyumva! Oya! Ni ivy'igipagani, kanatsinda mbere ivyobiva ku gipagani. Nta nkeka!

40 Mumenye neza ko abo bavugishwa bazoza, ba bavugishwa bo muVyahishuriwe Yohana 11. Hari ivyo twasomye ku bijanye n'ivyo kandinagomba ko muzobisoma mu gihe muzoba muriko muravyumviriza ku mabandevyukuri n'ibimenyetso biranga abavugishwa n'Imana. Rero abo, Isirayeliizobumvira.

Ubu rero, bagenzi nkunda, Vyabona vya Yehova, mutahure neza ko bamwe144.000 ata ho basa basana n'Umugeni. Nta murongo n'umwe wo muVyanditswe uhari wo kubishigikira. Oya, si bo mugeni. Ni Abayuda,abatoranijwe bazohamagarwa muri ya myaka itatu n'igice yo mu mayingamirongo indwi ya Daniyeli. Murazi ko namba nguma ndabigarukako, canecane si ku bwa mwebwe muri ngaha, ariko murazi ko ayo makaseti aja hose.Mwebwe, ivyo murabitahura. Namba mwama mwumva ndabivuga, ni kubw'iyomvo.

41 Muratahura ubu igituma Imana yarahumishije Abayuda kugira ibabuzekumenya Yesu? Ese iyo baja kumenya, ese iyo baja kumenya gusa uwo ari We!Uravye ibimenyetso yakora, iyo baba bari mu gihe gisa n'ico barimwo, mu gihec'ivyagezwe, igihe Imana yabaha icagezwe ku bijanye n'abavugishwa, babonyeYesu akora ivyo bintu bari kuvuga bati : « Ni umwe Mesiya! » Kubera iki yari Mesiya?

42 Muri ivyo bihe, abo amazina yabo yari yanditse mu Gitabo c'Ubugingo cawa Mwagazi w'intama, intumwa ziwe n'abandi barabibonye mazebaramumenya. Kubera iki ata bandi? Kubera bari bahumishijwe! Ntibashoborakubibona, n'ubu ntibababibona! Kandi ntibazobibona igihe cose Isirayeliizoba itaravukira umusi umwe nk'ihanga. Ijambo ntirishobora kwihenda.Nimwibuke ko Ijambo ridashobora kwihenda. Ivyo mwokwiyumvamwo vyose n'ivyoba vyose nta co bivuze, iri Jambo ntirishobora kwihenda. Bizoba neza naneza nk'uko Imana yabivuze.

43 Dusanga ivyo bintu bitegerezwa gushika. Kandi ni co catumye batamenyaYesu, naho yari yigaragaje neza ko ari Wa Muvugishwa. YesuUwuvugishwa n'Imana no kuri wa mugore w'umusamariyakazi yari ahagazekuri rya riba. Ntiyari bwigere aja i Samariya. Yarahagurutse gusa aca avuga koategerezwa kuja muri ako karere. Yaciye ajayo kandi uwo mugore ni ho yari.Kandi we, uko yari ari, yari ahagaze neza kurusha abaherezi n'abasenzi b'icogihe ku buryo yari ashoboye kwakira Ubutumwa bwiza. Ni vyo yakoze. Ntankeka! Naho biri uko, murabona, naho bari baramushibuye, umwe wo mubahambaye muri bo yaremeje ko bari bazi ko Yesu yari umwigisha yavuye ku Mana.

44 Haciye igihe gito mvuganye n'umwe wo mu baganga bemewe kurushaabandi babaho bo mu ntara z'epfo. Nari aho akorera. Ni umuhinga akomeye w'iLouisville, umuntu vyukuri ameze neza cane. Naramubwiye nti : « Muganga,nashaka kukubaza ikibazo. » Aranyishura ati : « Neza cane! »

Ndamubwira nti : « Narabonye ikimenyetso kiranga umwuga wanyu,ikibaranga. Ni inzoka izingiriye ku nkoni. Bisigura iki? » Arambwira ati : « Ntaco ndabiziko!»

Ndamwishura nti : « Ni ikimenyetso c'ugukiza indwara kuva ku Mana,c'aho Mose yamanika inzoka y'umuringa mu bugaragwa. Cari ikimenyetso gusaca Kristo w'ukuri.» Uno musi ubuganga ni ikigereranyo c'ugukiza indwara kuvaku Mana. Kandi n'aho benshi batavyizera (abavuzi b'ukuri baravyizera),ikibaranga nyene bagaragaza ni igishingantahe c'ubushobozi bw'ImanaIshobora vyose, bovyizera canke batovyizera! Ni ukuri! Ku kiranga ubuvuzi hariinzoka y'umuringa imanitse ku giti.

45 Ni murabe abo Bayuda. Ibikaragashi vy'uruhumyi vyari ku maso y'iryohanga. Nta co bashobora guhindura! Vyari aho kandi ni Imana yariyabibashizeho. Kandi bizobagumako gushika igihe c'ukuza kwa waMuvugishwa bari barasezeraniwe. Murashobora kubarungikiraabavugabutumwa, mugakora ivyo mushaka vyose, Isirayeli ntizigera yizeraimbere y'uko abo bavugishwa batangura igikorwa, ivyo na vyo bikababizoba inyuma y'izamurwa ry'Ishengero ryo mu banyamahanga. Inyanantishobora kwitaba hahamagawe intambwe, kuko Imana ivuga mw'Ijamboryayo ko hari haserutse impwemu y'inyana. Mu gihe ca kwa kuringaniza ukundigusha ivy'ugusenga, haserutse umuntu. Murabitahura. Ivyo vyonyene ni vyobashobora kwakira. Kandi hariya baracahumishijwe. Nta kindi kihari. Mumenye neza ko igihe gishitse aho bizoba birangiye ku banyamahanga.Hari igiti, imizi yaco yari Abayuda; ariko yarakuweho kandi abanyamahangabatewe nk'ingurukizi kuri elayo nziza, kandi irama ivyamwa. Ariko igihe uwomugeni wo mu banyamahanga azokwurwako (ca Giti c'Umugeni navuga)maze akajanwa ku Mana, Imana izoherengeteza ayo mahanga atizera,ishire ku ruhande inkumi z'ibijuju yongere itereko Isirayeli.Yarabisezeranye. Ariko mukirindiriye mutegerezwa gusa kumenya iyo muja.Iyo muzi iyo muja, ico gihe rero biba ari vyiza! Mutahazi naho, muba muriko murazimagirika.

46 Ico gihe ni ho Abayuda bazohindukirira Imana, bizoba nko mu gihec'Ishengero. Bazokwakira Kristo mu bushobozi bw'isezerano ryasizweamavuta. Ariko si ubu! Si imbere y'uko abanyamahanga binjira.

Ubu turashobora kubona Ubutumwa abo bavugishwa n'Imana bo muVyahishuriwe Yohana 11 bazovuga ubwo ari bwo. Murashobora kubona nezaico bazokora. Kuko ya masigarira, bamwe 144.000 batoranijwe, bazoshirwako ikimenyetso c'Imana.

47 Dusome Ivyanditswe. Ubu nimwumvirize neza vyukuri. Nagombatubisomere hamwe namba mubishoboye kuko ndaja kuvyishimikiza mu kanya.Ni igice c'indwi. Ivyo biba hagati y'ica gatandatu n'ic'indwi bimatanije caGitabo. « Hanyuma y'ivyo... » ( inyuma y'ivyo bimatanije ca Gitabo, inyumay'iyugururwa ry'ica gatandatu kimatanije ca Gitabo, ari na co ca gihe ca vyavyago bihambaye. Ubu, mwese ivyo murabitahura? Ica gatandatu kimatanije caGitabo kirugururwa, vya vyago bigatangura. Ariko hanyuma y'ivyo,nimwiyubare cane).« Hanyuma y'ivyo, mbona abamarayika bane bahagaze ku mfuruka zine z'isi,bafashe imiyaga ine yo kw'isi kugira ngo ntihagire umuyaga uhuha kw'isi,canke ku kiyaga, canke ku giti cose (abamarayika bane). Kandi mbonaumumarayika wundi aduga, ava i Burasirazuba, afise ikidomesho c'Imananzima; asemerera n'ijwi rirenga, abarira ba bamarayika bane bahawe kwononaisi n'ikiyaga, ati : «Ntimugire ico mugira isi, canke ikiyaga, canke ibiti,tutaradoma ikimenyetso mu ruhanga rw'abagurano b'Imana yacu (Si umugeni,ariko ni abagurano. Si wa mwana w'umuhungu ariko ni abagurano. Abisirayelibamye ari abagurano b'Imana. Ishengero ni umwana wayo ku bwo kuvuka.Abisirayeli ni abagurano bayo. Ivyo muzobisanga hose. Aburahamu yariumugurano wayo. Ariko tweho, ntituri abagurano. Turi abana, abahungun'abakobwa)... tutaradoma ikimenyetso mu ruhanga rw'abagurano b'Imanayacu. » Itegereze neza ibi: uruhanga rw'abagurano b'Imana yacu) Numvaigitigiri c'abadomwekw'ikimenyetso (ubu nashaka ko mwumviriza neza ivyotugira dusome) : « Ngo n'ibihumbi ijana na mirongo ine na bine,abadomwekw'ikimenyetso bo mu miryango yose y'Abisirayeli.»

48 Yaratomoye neza abo ari bo. Ni haba ngaha hari uwugenzura ivya « BritishIsraël », umvirize ingene ivyo bija kubeshuzwa. Abo mu muryango wa Yudabakidomweko ni ibihumbi cumi na bibiri : ( ahamagara imiryango): abo mumuryango wa Reyubeni, ni ibihumbi cumi na bibiri : abo mu muryango wa Gadin'ibuhumbi cumi na bibiri, (itegereze iyo miryango); abo mu muryango waAsheri n'ibihumbi cumi na bibiri : abo mu muryango wa Nafutari n'ibihumbicumi na bibiri : abo mu muryango wa Manase ni ibihumbi cumi na bibiri : abomu muryango wa Simeyoni, ni ibihumbi cumi na bibiri : abo mu muryango waLewi, ni ibihumbi cumi na bibiri : abo mu muryango wa Isakari, ni ibihumbicumi na bibiri : abo mu muryango wa Zabuloni, ni ibihumbi cumi na bibiri : abomu muryango wa Yosefu, ni ibihumbi cumi na bibiri : abo mu muryango waBenyamini, badomwekw'ikimenyetso n'ibihumbi cumi na bibiri. »

49 Bose hamwe ni imiryango cumi n'ibiri kandi mu muryango umwe umwehavamwo ibihumbi cumi cumi na bibiri. Cumi na bibiri kugwiza n'ibihumbicumi na bibiri ni kangahe? Ibihumbi ijana na mirongo ine na bine. Mumenye kandi yuko bose bari abo mu miryango ya Isirayeli. Ubu nimwiyubare kuri ibibintu : mu nyuma y'aho haza uwundi mugwi : Ico gihe Umugeni aba yaduze,turabizi. Ariko itegereze uyu mugwi uca uza. « Hanyuma y'ivyo mbona ishengero ryinshi, ata woshobora kuriharura,bo mu mahanga yose n'imiryango yose n'amoko yose n'indimi zose, bahagazeimbere y'iyo Ntebe n'imbere y'Umwagazi w'Intama, bambaye imvune zera,barin'amashami y'ibigazi mu minwe : basemerera n'ijwi rirenga bat'Agakizan'ak'Imana yacu ivyagiye kur'irya ntebe n'ak'Umwagazi w'Intama.Abamalayika bose bari bahagaze bakikije ino Ntebe, bakikije na ba bakuru navya binyabugingo, bikubita hasi bubamye imbere y'Intebe, basenga Imana, batiAmen, umugisha no guhimbazwa n'ubwenge n'ishimwe n'icubahiro n'ububashan'ubushobozi n'ivy'Imana yacu ibihe bitazoshira Amen. Umwe muri babakuru... (Ari ngaha imbere y'aba bakuru nk'uko twabibonye muri ibibimatanije ca Gitabo)... Arambaza, at'aba bambaye imvune zera ni bande, kandibavuye hehe?»

50 Yohana nk'umuyuda, yaramenye abo mu bwoko bwiwe. Yababonye barimu miryango, si vyo? Yarabamenye kandi avuga izina ry'umuryango umweumwe. Ariko uwo mwanya, abonye iryo shengero, yaciye aba nk'uwuzazaniwe.Kandi ba bakuru barabimenye kuko bamubajije bati : « Aba bambaye imvunezera ni ba nde, kandi bavuye hehe?» (Yohana arishura) Ndamwishura, ntiMugenzi, ni wewe wobimenya (Murabona ko Yohana atari abazi. Hari abo mumiryango yose, mu moko yose, no mu ndimi zose). Arambwira, at'Aban'abavuye muri wa mubabaro mwinshi, kandi bamesuye imvune zabo bazezeshaamaraso ya wa Mwagazi. Ni co gituma baba imbere y'Intebe y'Imana bakayikorera mu rusengero rwayo ku murango no mw'ijoro : « kand'Ivyagiyekuri irya Ntebe izosanza ihema ryayo hejuru yabo. Ntibazoba bakigira inzaraukundi, kandi ntibazoba bakigira inyota ukundi, kand'izuba ntirizobarabikacank'indugumba yose, kuko wa Mwagazi ari hagati ahahanganye n'iyo Ntebe,azobaragira, kand'azobashora ku masoko y'amazi y'ubugingo; kand'Imanaizohanagura amosozi yose ku maso yabo. »

51 Ubu dushitse rero kuri ico kimatanije ca Gitabo. Mwabonye ko bari...Ubwa mbere tubona Abisirayeli, hanyuma tukabona haseruka ngaha Ishengeroryejejwe (atari umugeni), Ishengero ryejejwe biciye muri vya vyago bihambaye,abo bantu benshi b'imitima ikeye basohoka bava muri vya vyago bihambaye. SiIshengero-Mugeni : ryo riba ryamaze kuzamurwa. Ni Ishengero.

Turabona ko mu nyuma Yesu avuga ko ya Ntebe izoshirwako kandi koumwe wese muri bo azoca mu rubanza. Ariko Ubu rero turabona ko Abayudabazodomwako Ikimenyetso c'Imana Nzima... Si vyo? Kandi Ikimenyetsoc'Imana Nzima ni ikihe? Sindabivuga kugira ngo ndabatsitaze, ndabivugagurtyo gusa, murabona! Murazi ibitabo vy'incabwenge nasomye, bavuga kouwo mugwi wogejwe mu maraso ari umugeni koko? Mwari muzi ko benshi bomu bize ivya Tewolojiya na bo bibaza ko bamwe 144.000 ari Umugeni?Birakwiye ko haba ikintu kijanye neza kuko ubu hariho ikintu atari co.

52 Mumenye ko bene Data b'abaventisi bavuga ko ikimenyetso c'Imana ariukwitondera umusi w'Isabato, murabizi. Ariko nagomba kubona agace na gatoyiko mu Vyanditswe kavuga ko kwitondera umusi w'Isabato ari ikimenyetsoc'Imana! Murabibona, ni umuntu gusa yagize ico ciyumviro. Ariko musomyeAbanyefeso 4:30 muzobona ko handitswe ngo : « Ntimukababaze MpwemuYera w'Imana, yabashiriweho kuba ikimenyetso, gushitsa ku musi wogucungurwa (kwanyu).» Koko!

Igihe igikorwa c'Umuhuza kizoba kirangiye, Kristo aca aza gucunguraabiwe. Mwashizweko ikimenyetso, atari gushika kw'ikanguro rikurikira gusa!Igihe muba mwamaze gushirwako ikimenyetso ca Mpwemu Yera, niigikorwa kiba caherahejwe c'uko Imana yabemeye. Aho ntushobora kuvayo!Mwovuga muti : « Niko, naramuronse, ariko nagiye kure yiwe.» Oya, ntawemwari mufise. Imana ivuga ko bizoguma uko gushika ku musi wo gucungurwa.Nimwe mumuhaririza, ariko yaravuze ati : «...gushika ku munsi wogucungurwa kwanyu.»

53 Mu gihe Eliya yatangura gukora, habaye mu Bayuda (nk'uko biri ubu)amasigarira nk'uko batoranijwe. Ni vya bihumbi indwi vyashizwe ku ruhanden'ikiganza c'Imana. Ubu rero igihe kigiye kuza kuri ayo masigarira kizoba ari igihe ca bamwe 144.000 nk'uko batoranijwe. Abazokwizera Ubutumwa ico gihebazoba ari vya bihumbi 144.000.

Ariko mwovuga muti : « Mwene Data, rorera gato, nta na kimwe nzi kuriivyo vyo gutoranywa. Sindigera ndabisoma. » Ni uko! Reka turabe ko ari vyocanke atari vyo. Tugaruke muri Matayo maze

turabe ko dushobora kuronkaakantu na gatoyi kuri ivyo. Ndibaza ko ari aho nyene (nta na kimwe nanditse,ariko ivyo binjemwo ubu nyene.) Twarabonye kuri wa mugoroba ko icagatandatu kimatanije ca Gitabo giherera ku murongo wa 30.

54 Reka tubisome maze turabe aho ivyo bidushikana. Dusome umurongo wa 31 aho tubona Umwana w'umuntu yinjiye mu Bwiza. Matayo 24,31 : « Azotumaabamarayika biwe n'ijwi rirenga ry'inzamba, bakoranye abatoranijwe biwe,bave mu birere bine, guhera iy'ijuru ritangurira kugeza iyo riherera. »

55 Abatoranijwe bazosohoka. Ni ibiki? Kandi hazoba igihe c'ivyagobihambaye. Imana izohamagara abo yatoranije, ico gihe naho bakazoba ariAbayuda, abo yatoranije. Bibiliya irabivuga. Paulo arabivuga. Nk'ukougutoranywa kuri hazoba ibihumbi 144.000 bazokwizera Ubutumwa, mumamiliyoni y'abazoba bari hariya.

Bari amamiliyoni muri Palestina mu misi y'ukuvugishwa kwa Eliya arikoibihumbi indwi gusa ni vyo vyakijijwe muri ayo mamiliyoni yose. Rero, nk'ukougutoranywa kuri kandi n'ubwo hari amamiliyoni y'Abayuda arikoariyegeraniriza mu gihugu cabo (cacitse ihanga). Kuri ayo mamiliyoni, ibihumbi144.000 gusa vy'abatoranijwe ni vyo bizojanwa. Bazoba bumvise Ubutumwa.

56 Ni co kimwe no kw'ishengero ryo mu banyamahanga. Hariho Umugeni,yaratoranijwe kandi azohamagarwa nk'uko yatoranijwe. Nimurabe ingene ivyovyose bigira ikigereranyo gitunganye c'Ishengero, c'Abizera batoranijwe.Abandi ntibizera. Murashobora kubabwira, n'aho mwobwira ukuri umwe muriabo bantu mukakwerekana mukoresheje Ijambo, hanyuma mukakwemeza.Azovuga ati : « Sinizera! »

Ntimube mugita umwanya wanyu muri ivyo. Yesu yavuze ngontitukabikore.Yavuze ati : « Ni nko guterera imaragarita ivyana vy'ingurube. Bahe amahoro,atari uko bazobahindukirira babarwanye. Bazobashinyagurira. Nimubaje kuregusa, hanyuma mubahe amahoro. Iyo impumyi irongoye iyindi mpumyi...»

57 Nta gihe kinini kihaciye ngiye kuraba umuntu umwe, nako ni we yaje iwanje. Aho yaja hose yagenda araharira ahakana ugukiza indwara kuva ku Mana. Igihe yaza yarambariye ati : « Sinizera uko gukira indwara kwanyu kuvaku Mana!»

Ndamwishura nti : « Mwene Data ndibaza ko ataco kwomara kuko atagukiza indwara kw'iwanje mfise! Ariko ukw'Imana ni kwo gutunganye. » Acaaravuga ati : « Ikintu nk'ico ntikibaho! »

Ndamubwira nti : « Mukundwa, ubivuze uteba. Waratevye cane! Ivyo warigushobora kubihakana mu myaka iheze, ariko ubu turi mu kindi gihe kandi hariamamiliyoni y'abantu bashobora kubishingira intahe! Uje kubivuga igihecararenganye!» Arambarira ati : « Rero, ivyo mwokora vyose sinovyizera !»Nca ndamubarira nti :« Nta nkeka! Ntiwobishobora!»

Arambarira ati : « Ni waba ufise Mpwemu Yera nka Paulo, nce mfatwan'uruhumyi ! Nce mfatwa n'uruhumyi !»

Ndamwishura nti : « Nobishobora nte kandi usanzwe uri impumyi! Soyaraguteye uruhumyi kugira ngo ntubone ukuri. Usanzwe uri impumyi. »

Arongera arambarira ati : « Sinopfa ndavyizeye. Naho wokora ivyo ushakavyose, ukazana intahe zose canke ivyo woshaka vyose kugira uvyerekanesinogenda ndavyizeye!

Ndamubarira nti : « Koko! Si ivy'abatizera, ni ivy'abizera gusa. »

58 Vyari ibiki? Ubwo nyene wari gushobora kubona ko atatoranijwe.Ntimube mukibatako umwanya. Yesu yakoze uko nyene. Yavuze ati : « Nimubahe amahoro! Mbega impumyi yorongora iyindi mpumyi, ntizogwa zose mukinogo? » Ariko igihe yahura n'umusambanyikazi umwe, umuriro waratse.Habaye iki? Harimwo urubuto rwatoranijwe! Murabibona? Ivyo ubwo nyeneyaciye abibona.

Igihe yatumbera Petero, muri we harimwo urubuto rwatoranijwe, kandiyararubonye. «Abo Data yampaye bose (muri kahise) bazoza kuri jewe. Bazozakuri jewe! » Oh, Bene Data, ivyo ndabikunda! Koko! Mumenye ko uwizera ivyoavyizera vyukuri. Ariko Abatizera ntibashobora kuvyizera. Ni co gituma ubu iyoumuntu agomvye guharira ku vya rwa ruvyaro rw'inzoka n'ibindi iyomugerageje kubibasigurira, hanyuma ntibashake kubumviriza, mubigireyo gusakandi mubahe amahoro. Murabona, Imana ntigira ibihari n'abana bayo ni uko.

59 Mumenye ko bamwe 144.000 vy'Abayuda batoranijwe n'Imanabatazopfukamira uburyo bw'amadini ca gikoko gikoramwo, ibishushanyo canke ico ari co cose. N'ubwo ico gihe igihugu cabo kizoba cagiraniyeamasezerano na co (Abisirayeli bari mw'isezerano), hariho bamwe 144.000 batazosezerana na co : ni Abatoranijwe.1

Ivyo ni navyo biriko biraba mw'ishengero ryo mu banyamahanga. Harihoumugwi watoranijwe. Ntimushobora kuwukwegera mu bintu nk'ivyo.Ntibazovyizera. Oo, oya! Umuco umaze kubakira, vyose

biba bitunganye!Babona ivyo bishika, hanyuma bikemezwa kandi bikagaragazwa, baraseranguraBibiliya zabo kandi bakabona iryo Jambo rizo... Abo ntimwokwirirwamurabatako umwanya kuko bavyizera. Nta bindi! Nta bindi! Naho batoshoborakubisigura, barazi ko bavyakiriye. Nk'uko nama ndabivuga nti : « Hari ibintuvyinshi ntashobora gusigura, ariko ndazi ko ari ivy'ukuri.»

60 Ni uko! Muri ico gihe kiri hagati y'ica gatandatu n'ic'indwi bimatanije caGitabo niho ahamagara abo bantu, nk'uko Yesu abivuga muri Matayo 24 : 31,aho duhejeje gusoma. Aho inzamba izovugira, mbega izoba ari inzamba ya vyaVyabona vyo mu gihe c'ubuntu ku Bayuda? Inzamba imwe gusa izovuga,mubirabe neza, inzamba imwe izovuga. Ku murongo wa 31 avuga ati : « n'ijwirirenga ry'inzamba... »

« Azotuma abamarayika biwe (si umwe, ariko babiri) n'ijwi rirengary'inzamba... » Ivyo bisigura iki? Iyo Imana igira ivuge, inzamba iravuga. Ijwiryayo ni ryo ryama rihamagarira kuja mu ntambara, murabona. Imana iravuga!Abo bamarayika bazoza bavuza inzamba. Mwabonye kandi ko inzamba ivugaku butumwa bw'umumarayika wa nyuma? Ku butumwa bw'umumarayika wambere inzamba iravuga. Umumarayika wa kabiri arungitswe inzamba ica ivuga.

61 Ariko mumenye ko igihe bimwe bimatanije ca Gitabo vyavugwa, vyosehamwe vyari mu kintu c'ubwiza kandi kiva ku Mana cari kigenewe guhamagaraumugwi w'abantu ngo usohoke. Humvikanye ijwi ry'inzamba, maze bimwendwi bimatanije ca Gitabo bica biramenwa.

Nimurabe kandi iyegeranywa ry'abayuda baratoranijwe, bava mu mperazine z'amajuru. Nk'uko twabibonye, yavuze bitandatu vya mbere bimatanije caGitabo, ariko atari ikigira indwi kimatanije ca Gitabo. Nta na hamwe yigezeavuga ivyerekeye ic'indwi kimatanije ca Gitabo. Ubwo nyene, umurongo wa 32 uca uvuga umugani werekeye ibihe vy'umuhamagaro w'Abayuda batoranijwe.

62 Raba ivyanditse : « Azotuma abamarayika biwe n'ijwi rirenga ry'inzamba,kandi bazokoranya abatoranijwe biwe bava ku mpera zine z'ijuru. » Hanyumaaca atangura umugani. Murabona, aha nta na kimwe avuga ku c'indwikimatanije ca Gitabo. Yaravuze ku ca mbere kimatanije ca Gitabo, ku ca kabiri, ku ca gatatu, ku ca kane, ku ca gatanu no ku ca gatandatu bimatanije ca Gitabo;ariko nimurabe ivyo aca avuga muri Matayo 24 : 32 -33 : « Ni mwigire ku musukoni umugani wawo : ishami ryawo iyo ritoshe,amababi agatutuza, mumenya yuko agatasi kari hafi. Nuko namwe, ni mwabonaivyo vyose bishitse, muze mumenye kw'ari hafi, ku rugi. »

63 Kandi ku bijanye n'iki kibazo bamubajije, bati : « Ikimenyetso c'umuherow'isi kizoba ikihe? » Nimwabona ivyo bindi bishitse, ico gihe muzoca mumenyaibiriko birashika. Iyo mubonye abo Bayuda... Ariko abwira Abayuda.

Ibi nimubifate nka nkama : « Ariko abwira umugwi uwuhe?»Abanyamahanga? Oya! Abayuda! Abayuda, murabona. Arababwira ati : « ...muzokwankwa n'amahanga yose kubw'Izina ryanje » n'ibindi. Ni mwabonabarya Bayuda batutuje, igihe Abisirayeli bazotangura gusubira mu Gihugu cabo,Ishengero rizoba ryiteguriye kuzamurwa kandi imbere y'uko isi ya none irangirahaba hasigaye imyaka itatu n'igice. Isi ica ija mu kaga maze ya nganji ya yamyaka igihumbi ica iza kw'isi nshasha. Avuga ati : « Ndi ku rugi. »

64 Imyaka igihumbi kw'isi ni umusi umwe gusa imbere y'Imana. Noneimyaka itatu n'igice, isigura iki? Amasegonda makeyi ku kuntu Imana iharuraibihe! Ni co gituma yavuze ati : « Ndi ku rugi! Ndababwiye ukuri, ab'ururunganwe ntibazorangira na gato (ni ukuvuga : ubu bwoko ntibuzokurwaho,ivyo vyose bitarashika. » NONE NI IBIKI? Ni igiki kitazokurwaho? Igihe cosebamye bagerageza guherengeteza Abayuda kw'isi yose. Arikontibazokwigera babishobora!

Mumenye yuko urwo runganwe nyene rw'Abayuda rwabonye ukugarukamuri Palestina, ni rwo runganwe nyene ruzobona ivyo bishika. Kandi hahezenk'imyaka ibiri Isirayeli icitse ihanga rishitse, rifise ifaranga ryaryo n'ibindi. Riri aho.

65 Ubu tugeze he ga bagenzi? Bimwe bimatanije ca Gitabo biriko birugurukaco kimwe n'ibindi. Turegereje ico gihe kiri hagati. Ni ivyo. Murabona ahotugeze? Ndavyizigira! Sinize. Ndazi ivyo mvuga, ariko kumbure ko ntobanshobora kubisigura ngo ndabibatahuze neza. Ariko ndizigira ko Imana ifataamajambo acangacanganye maze ikayashira mu kibanza cayo, kandiikabamenyesha insiguro yayo, kuko turi ku rugi! Kandi ico gihe ni cotugezemwo.

Muzirikane ibi. Ico gihe nyene ahindukirira abo Bayuda maze avugaibizoba mu gihe c'iherezo. N'ubu nyene turazi (Turabizi? Turabizi neza) ko yamiryango yashwiragiye. Barashwiragijwe mu kiringo c'imyaka 2500. Vyarivyaravugishijwe ko bazoshwiragizwa mu mpande zine z'isi. Ntituja kurondera uwo murongo kuko mfise ikintu gihambaye cane nshaka ko mubona tutararuhatwese.

66 Kandi turazi ko iyo iyo miryango itakiri mu kibanza yategerezwa kubairimwo. Yarashwiragiye hose. Abayuda bari i Yerusalemu ntibazi n'imiryangoyabo. Amabendera n'ibindi biranga imiryango ntibikiriho. Ico bazi gusa ni ukoari Abayuda. Vyari vyaravugishijwe ko bazoshwiragizwa mw'isi yose.

Ibitabo vyabo vyarononekaye. Ubabajije uti : « Uri uwo mu muryangouwuhe?»« Sinzi. » «Umuryango uwuhe...»

« Sinzi. » Umwe ni uwo mu muryango wa Benyamini, uwundi wo muriuyu, uwundi wo muri uyo. Ntibazi imiryango bakomokamwo. Ibitabo vyabovyarononywe mu gihe c'intambara haciye imyaka 2500. Ikintu gusa bazi, ni ukoari Abayuda. Nta kindi. Ni co gituma bariko baragaruka mu gihugu cabo. Mberemumenye neza ko imiryango bavamwo Imana yo iyizi. Ivyo ndabikunda!Murazi ivyo yavuze, ngo : « N'agashatsi kose ko ku mutwe wanyukaraharuwe!»

Murabona, nta na kimwe atakaza, ngo : « Nzomuzura ku musiw'imperuka.» Yamara barataye amabendera aranga imiryango yabo, ntibababakimenya ko ari abo muri uyu canke muri uyo, ko ari abo mu muryango waBenyamini, wa Reyubeni, wa Isakari canke ko ari abo mu wundi muryango.Ariko uko biri kwose, Imana izobahamagara.

67 Ni murabe yuko mu Vyahishuriwe Yohana 7 dusoma ngo : ibihumbi cumina bibiri bo mu muryango umwe umwe wose. Hari ibihumbi cumi na bibiri bavamu muryango umwe umwe wose batoranijwe kandi bari mu kibanza cabo,abatoranijwe bava muri iyo miryango yose. Oh bene Data! Bameze gute?Nk'uko imiryango yabo iri! Ntibiraba ariko bizoba. Bari mu rutonderw'imiryango yabo. Ni bande bazoba mu rutonde rw'imiryango yabo? Siabayuda basanzwe, ariko ni abatoranijwe gusa . Bamwe ibihumbi 144.000 bazokwegeranywa nk'uko imiryango yabo iri. Oh, Bene Data! Ese ingenenagomba kubereka ivyo bintu! Ntidushobora kuvyinjiramwo, ariko raba neza naneza ingene Ishengero ritegerezwa kuba : mu kibanza nyakuri.

68 Ubu nashaka ko mukurikira cane kandi ko tujana mu gusoma mu kanyagato. Kumbure hari ikintu mutarigera mubona mw'ihamagarwa ry'iyi miryango.Nari mpejeje kubabwira ngo musome Ivyahishuriwe Yohana 7. Tubisomerehamwe kandi mwitegereze iyo miryango. Mu Vyahishuriwe Yohana 7. Dani naEfurayimu ntibarimwo kandi ntibaharurwa mu bandi. Mwari mwabibonye? Yosefu na Lewi bashizwe mu kibanza cabo. Mwari mwabibonye? Dani naEfurayimu ntibarimwo. Ni ukuri. ArikoYosefu na Lewi bashizwe mu kibanza caDani na Efurayimu. Kubera iki ivyo? Kubera ko Imana itigera yibagira, iribukaisezerano ryose ryo mw'Ijambo Ryayo (Oh, ese ukuntu noshimye kubivugakoubutumwa). Imana ntiyibagira na kimwe, naho womenga yibagiye.

Ni vyo yabwiye Mose. Isirayeli yabaye imyaka 400 muri Egiputa. Arikoico gihe giheze, bategerezwa kuvayo. Imana yari yabwiye Aburahamu kouruvyaro rwiwe ruzoba inyambukira imyaka amajana ane mu kindi gihugu,ariko ko hanyuma azobakuzayo ukuboko kw'inkomezi. Ibwira Mose iti : «Nibutse isezerano ryanje none nzanywe no gushitsa ico navuze.» Imanantiyibagira. Ntiyibagira imivumo yayo, ariko ntiyibagira kandi n'imigisha yayo.Isezerano ryose yatanze, irarishitsa! Ng'ico igituma iyo miryango ibiri itarimwomu bazohamagarwa.

69 Ubu mukurikire neza. Ngomba ko tujana mu gusoma mu Gusubira mu Vyagezwe 29:16. Hariho igituma iyo miryango itarimwo. Ikintu cose gifiseigituma kiriho. Ubu rero Umwami nadufashe kugira ngo tubitahure. Gusubiramu Vyagezwe 29:16, ni Mose ariko aravuga : «... (Murazi ko twaba mu gihuguca Egiputa, n'ingene twaciye hagati mu mahanga;kandi mwabonye ibizirabakunda, n'ibigirwamana vyabo vy'ibiti n'amabuye n'ifeza n'izahabu vyarimuri bo) (Umwe wese yambara akantu, agashusho gatoyi k'umweranda Sisiriyacanke igisa n'ico); muri mwebwe ntihaze hagire ukura umutima k'UhorahoImana yacu, ngw'aje gusaba imana z'ayo mahanga, ar'umugabo cankeumugore cank'inzu cank'umuryango; kugira ngo muri mwebwe hoye kubaumuzi uzana ibamba n'umururazi, ntihaze hagire uwumva amajambo y'uyumuvumo, ngo yihende mu mutima wiwe, ati : Nzoba amahoro, naho mpfa ukongenze...»

70 Abantu bavuga bati : « Aaa, arihezagira! » Murabizi, urumenyetso rutoyirw'umusaraba canke kimwe co muri ivyo bintu bakora ubu. Ni co kimwe,murabona. Ni icerekana ubupagani nkuko Abapagani na bo babifise.Arihezagira mu mutima wiwe, mu vyo yibaza, mu ciyumviro ciwe. «Baranywabakarenza.» ni akaborerwe. Mwovuga muti : «Ivyo ntaco bitwaye ! Ko muja murusengero nta ngorane. » Hanyuma :«UHORAHO ntazokwemera kumuharira, arik'uburake bwiwe n'ifuheryiwe bizopfunduka nk'umwotsi kur'uyo muntu, imivumo yose yanditswe mur'ikigitabo (ntimukureko Ijambo na rimwe canke ngo mwongereko Ijambo na rimwekuri ico gitabo, murabona) imurundaneko, kandi Uhoraho AZOZIMIRIZAIZINA RYIWE MUNSI Y'IJURU. (mu gihe akiri kw'isi, ni ukuvuga munsiy'ijuru) ; Uhoraho azomutandukanya n'imiryango yose y'Abisirayeli,ngw'amuterere ivyago bihwanye n'imivumo yose yo mw'isezerano ryanditswemur'iki gitabo c'Ivyagezwe. »

71 Gurtyo rero umuntu wese azosenga ikigirwamana, akumira kukigirwamana ciwe canke akihezagira mu vyo yibaza biva mu vyiyumviro vyiwebwite maze agasenga ibigirwamana, Imana imuvugako iti : « Yaba umugabo,umugore, inzu canke umuryango, izina ryiwe rizozimanganwa rwose mu bantu.»Si vyo ? Ese ingene ari ukuri ! Haraciye imyaka myinshi ugusengaibigirwamana bikoze nk'uko nyene mw'ishengero, kandi n'ubu kuracakora ukonyene.

Ubu rero nimurabe neza ibi. Mwitegereze ukuntu Antikristo yageragejegukora ibinyuranye. Ni bangahe muri mwebwe bazi ko umurwanizi yikoreraibitutu n'ivyitegererezo bijanye n'abera b'Imana ? Icaha ni iki ?

Ni ikintuc'ukuri kigoretse. Ikinyoma ni iki ? Ni ukuri kwerekanywe nabi.Ubusambanyi ni iki ? Ni ikintu c'ukuri kandi cemewe gikozwe nabi.

72 Tuvuze amazina yahanaguwe, mwabonye ko mu bihe vy'ishengero, icoGikoko nyene gisenga ibishushanyo vy'abapfuye n'ibindi cageragejeguhanagura Izina ry'Umwami Yesu Kristo hanyuma gitanga amataziranoya Data, Mwana na Mpwemu Yera! Inyuma y'ivyo hari wa muvumo. Ni uko. Dani na Efurayimu nta kindi bakoze atari ivyo ku ngoma ya Yerobowamu, uwomwami wab'Isirayeli w'indyarya, wa muhumvyi.

Dusome 1 Abami 12 : 25 - 30. Ku bwanje ivyo biduha urufatiro dushoborakwishimikiza, ikintu tubona. « Maze Yerobowamu yubaka i Shekemu mumugamba w'Abefurayimu, abayo ; hanyuma avayo, yubaka i Penuweli. MazeYerobowamu yivuganya mu mutima (Murabona, ni ivyo yibaza mu mutimawiwe) : at'Erega igihugu kizohava cisubirira ku b'inzu ya Dawidi (yari yatinyeko abantu bamuheba). Aba bantu ni bakomeza kuduga i Yerusalemu gutangiraibimazi mu Ngoro y'Uhoraho, imitima yabo izosubira kuri Shebuja,Rehobowamu umwami w'Abayuda baheze banyice bisubirire kuri we. Umwamiaraheza yigira inama, acurisha ibishushanyo vy'amamasa bibiri mw'izahabu,abarira abantu, at'Erega birabagoye kwama muduga i Yerusalemu : ehe raba,ngizi imana zanyu zabakuye mu gihugu ca Egiputa, yemwe Bisirayeli ! Mazekimwe agishinga i Beteli, ikindi i Dani. Ico kintu gihindukira abantu icaha, kukobagenda kucikubita imbere, bakarinda bashika no ku c'i Dani »

73 Murabibona ? i Beteli mu bw'Efurayimu n'i Dani. Kandi ni ho yashinzeibigirwamana, abantu bakaza kubisenga. Kandi ubu twegereje kwa kuganzakw'Imyaka igihumbi, Imana n'ubu iracibuka ico caha ! Ni co gitumabadaharurwa mu gitigiri ca ya miryango. Amen ! Imana ihabwe icubahiro !Kandi nk'uko yibuka isezerano ryose ryo mu masezerano yayo y'ivyiza ni na kokandi yibuka isezerano ryose ryo mu masezerano yayo y'ibibi. Mwibuke yuko ari co catumye bagenzi nkunda, nama ngerageza kugumana n'iri Jambo,riboneka nk'iritumvikana.146. Muri ico gihe, murabona, ntibavyiyumviriyeko. Ntibavyiyumviriyeko.Biyumvira ko uko biri kwose bitazobashikako. Rero, ngaha ubu muri ico giheaho ukuganza kwa ya myaka igihumbi kugiye gutangura, amazina yabo hamwen'y'imiryango yabo yarazimanganijwe kubera ko basenze ibigirwamana, ivyo Imana yamaze kuvuma. Ntiyavuze ko yanka Abanikolayiti n'umwe Yezebeli ?Ntimwifatanye n'ivyo bintu ! Ntiyavuze yuko abakobwa ba Yezebeli azobicishaurupfu, ari rwo gutandukana na Yo ibihe bidashira ! Ntimwizigire ivyo bintu !Mwitandukanye na vyo ! Rero, Imana izoba ivyibutse.

74 Mubimenye neza. Arikomwabonye ko ari ukugira ngo ibazimanganye ? Kubera iki ? Munsi y'ijuru ntakimazi cari guca kiboneka cari gutuma Mpwemu Yera aza kugira bashoborekubona ivyo bintu, ariko naho biri uko uwo mwami yarabikoze nk'ukoivyiyumviro vy'ukwikunda biri. Ariko Ezekiyeli, mu vyo yeretswe kuri kwakuganza kw'imyaka igihumbi, yongera kubabona mu kibanza nyacobategerezwa kubamwo. Namba mubigomba reka tubisome. Ni muri Ezekiyeli48, 1 - 7, hamwe na 23 - 29. Ezekiyeli abona umuryango wose uri mu kibanzacawo.

75 Aha rero mu Vyahishuriwe Yohana 14 yongeye kubabona mu rutonderw'imiryango. Ni ivy'ukuri. Umuryango wose uba uri mu kibanza cawo.Habaye iki ? Muribuka ko havugwa ngo : «munsi y'ijuru.» Aho ni ho izinaryabo rizohanagurwa hagati muri ya miryango. Igihe cose bari munsi y'ijuru,ntibagize izina kandi ivyo bihumbi 144.000 ico gihe bazosubira guharurwa mumiryango yabo. Ni ivy'ukuri. Ariko murabona, bari barahumishijwe kandi ntakindi bari bafise atari ibimazi vy'amapfizi y'inka n'impene.

Mwabonye ko yahanaguye amazina yabo munsi y'ijuru. Naho biri uko kubanyamahanga, mu gihe Mpwemu aba ariko arakora mutamwumviyeamazina yanyu akurwa burundu mu Gitabo c'ubugingo, kandi ntakigongwe kiriho muri iki gihe canke mu gihe kizoza. Mbega si vyo ? Aho niho duhagaze. Abisirayeli bari munsi y'amaraso y'impfizi z'impenen'ay'imyagazi y'intama, bari bafise ikibanza, ariko igihe cose bakiri hano kw'isiamazina yabo ntaharurwa mu miryango kandi ntibazokwigera baharurwamwo.

76 Igihe izohamagara bamwe 144.000, ayo mazina abiri azoba aburamwo. Niivy'ukuri. Ntiharurwa na mba. Yosefu na Lewi bashizwe mu kibanza ca Dani naEfurayimu. Murashobora kubisuzuma : biri imbere yanyu. Ivyo ni isezeranoImana yasezeranye, haraciye imyaka amajana n'amajana.150. None habaye iki ? Batunganywa muri ca gihe kigoye ca vya vyagobihambaye. Rero namba Imana itegerezwa gutunganya iyo nkumi (kandi asanzwe ari umugore w'umunyangeso nziza ariko yabuze gusa amavutamw'itara ryiwe) akazomutunganya amucishije mu guhamwa, ishira iyomiryango mu rugero rumwe kubw'imvo zimwe kandi ikabatunganya mu gihe cavya vyago bihambaye kuko ari ukwezwa. Ni urubanza. Ariko murabona,hanyuma y'ivyo…

77 Ni murabe ibi, ng'abo bamwe 144.000 baza inyuma yo kwezwakw'Abisirayeli. Hariho kandi inkumi z'ibijuju ziza zejejwe kandi zambayeimvune ndende zera. Murabibona ? Ese ukuntu bitunganye ! Ese ukuntu arivyiza !152. Ni nka Yakobo mu gihe ciwe c'amagorwa kandi vyabaye ngombwa ko acamu gihe co kwezwa kuko yari yakoze nabi mu guhenda mwene wabo Esawu.Yari yaramuhenze kugira abe Samuragwa. Ni co catumye aca mu kwezwaimbere yuko izina ryiwe rihindurwa, Yakobo rikaba Isirayeli. Ico cari ikigereranyo c'ukw'Imana ikora uyu munsi.

78 Ubu duca dusubira ku murongo wa mbere w'igice ca 8 co muVyahishuriwe Yohana. Ndazi ko murushe

ariko mugerageze mwumvirizeakandi kanya gato. Oh Mana yo mw'Ijuru, nuze udufashe ! Iryo ni ryo sengeshoryanje. Dutegerezwa kwibuka ko iki kigira indwi kimatanije ca Gitabo ariiherezo rya vyose. Ni ivy'ukuri. Ibintu vyanditse mu Gitabo kimatanishijeudushashara indwi (integuro y'ubucunguzi yamatanishijwe udushashara isiitararemwa) biba birangiye. Ni iherezo. Ni iherezo ry'iyi si yuzuye iminiho. Niiherezo ry'ukuniha kw'ivyaremwe. Ni iherezo rya vyose. Muri co harimwoiherezo rya za nzamba. Ni iherezo rya za nzavya. Isi iba irangiye. Ni igihe kibakirangiye. Igihe kiba kirangiye. Igihe kiba giheze Bibiliya ni yo ibivuga.

Turashobora kubisoma mu Vyahishuriwe Yohana 10, kuva ku murongo 1gushika ku 7. Igihe kiba kirangiye. Umumarayika avuga ko ata gihe kibakigisigaye mu minsi ivyo bintu vyiza cane bizoshika. Vyose birangira muri ikigihe kw'iherezo ry'ikigira indwi kimatanije ca Gitabo.

79 Mumenye ko aba ari iherezo ry'ibihe vy'Ishengero. Ni iherezo rya zanzamba. Ni iherezo rya za nzavya kandi ivyo birangirana n'ukwinjira muri kwakuganza kw'imyaka igihumbi. Ni mu kigira indwi kimatanije ca Gitabo.156. Ni nk'igihe barungitse ikigendajuru mu kirere. Kiraturika aha kw'isihanyuma kikaduga maze kikongera kigaturika. Inyenyeri zitanu zigaseruka,imwe muri zo igasambuka maze hagaca havamwo izindi zitanu. Muri zo imweirongera irasambuka maze ikongera ikavamwo izindi zitanu. Hanyuma vyosebikazima. Ng'ico ico ari co ikigira indwi kimatanije ca Gitabo. Giheraheza igihe c'isi. Giheraheza igihe c'ibi, giheraheza igihe ca biriya vyose biba birangiyekuri iki kigira indwi kimatanije ca Gitabo.

80 Ariko izobikora gute? Ni vyo tutazi, si vyo? Nta vyo tuzi. Ni igihecashinzwe kuri ivyo bintu vyose vy'intango ya kwa kuganza kwa ya myakaigihumbi. Mumenye ko kwugururwa kw'iki kimatanije ca Gitabo kwabayeikintu ciza cane ku buryo habaye agacerere mw'Ijuru nk'igihimba c'isaha.Mbega si vyiza cane ! Ni ibiki ? Ijuru ryaciye rija mu gacerere. Nta kintu nakimwe cakakaje mu kiringo c'igihimba c'isaha.

Igice c'isaha si umwanya munini iyo muri mu bihe vyiza, ariko igihe ukwokurorera kubayemwo ivy'ugupfa canke ugukira, uwo mwanya uca ubamuremure cane gusumba imyaka igihumbi. Vyari vyiza cane ku buryo naYesu canke uwundi wese ataco babivuzeko. Yohana nta na kimweyashoboye kwandika kuri ico kintu. Ivyo yarabibujijwe. Nta coyavyanditseko. Nta kindi cahabaye atari ako gacerere.

81 Ba bakuru mirongo ibiri na bane bama bahagarara imbere y'Imana kandibakama bavuza inanga baciye bahagarika kuzivuza. Abamarayika baciyebahagarika kuririmba mw'Ijuru. Mwiyumvire kuri abo Bakerubi beranda na baBaserafi Yesaya yabonye mu Ngoro bafise amababa atandatu, abiribayatwikirije mu maso, ayandi abiri bayatwikirije ibirenge, ayandi abiribarayagurukisha ku murango no mw'ijoro imbere y'Imana, bavuga bati :«Uwera, Uwera, Uwera, Uwera ni we Mwami Imana ishobora vyose!» Binjiyemu Ngoro, imiryango yaca inyiganyizwa n'ugusemerera kwabo. N'abo baBaserafi beranda baciye bacereza ! Abamarayika baciye bahagarika kuririmba.Abaguruka imbere y'Imana baririmba bati : « Uwera, Uwera, Uwera…» baciyebacereza !160. Nta ndirimbo z'abamarayika, nta gutazira, nta gikorwa co ku gicaniro, ntana kimwe ! Kari agacerere. Vyose vyari vyacereje maze mw'ijuru habaagacerere kadasanzwe muri uwo mwanya w'igihimba c'isaha. Ingabo zose zomw'Ijuru zaciye zicereza muri ico gihe c'igihimba c'isaha igihe ibanga ryakimwe kigira indwi kimatanije ca Gitabo c'Ubucunguzi cari cuguruwe.Muvyiyumvireko ! Ikimatanije ca Gitabo kiba kimenwe. Ni wa Mwagaziw'intama ni We akimena ! Mwari mubizi ? Ndizera ko ivyo vyabujujeukwubaha. Ntibari babizi. Ni ivyo. Barahagaritse gusa. Kubera iki? Vyari ibiki?

82 Nta n'umwe muri twebwe abizi. Ariko ngira ndabahe uguhishurirwakwanje kuri ico kintu. Murazi yuko ata ntumbero mfise yo gupfa gukurikira. Nivyaba ari uko, ndabigira ntabizi. Sinzi intandaro y'inyifato ziwe no kwirukainyuma y'ibintu bitabaho. Naravuze ibintu abatari bake batatahuye, ariko igihe Imana ibiherekeje ikavyemeza ivuga ko ari ukuri, ico gihe riba ari Ijambory'Imana ! Ariko ivyo birashobora gusa n'ibitamenyerewe.

Nk'uko ari ukuri ko mpagaze aha havugirwa ubutumwa kuri unomugoroba, naronse uko guhishurirwa kandi kuri mu mice itatu. Mfashijwen'Imana, ngira ndababwire umwe muri iyo mice. Hanyuma… ariko duhere kuriivyo. Ng'uku uguhishurirwa. Ngira ndababwire ivyo ari vyo. Ibica bishika, niuko iyo mituragaro indwi Yohana yumvise ituragara kandi akabuzwakwandika n'ivyago, inyuma y'iyo mituragaro ndwi yavuze umwe inyumay'uwundi ni ho hari iryo banga.

83 Kubera iki ? Reka ndabibereke. Ni ibanga ata n'umwe azi. Yohanayarabujijwe kugira ico yanditse kuri ico kintu. Ntiyashoboye kwandikan'ikimenyetso na gitoya. Kubera iki none ? Ng'iki igituma. Muri uwo mwanyanta casubiye gukorwa mw'Ijuru, kuko atari uko, ibanga ryari gushoboragushirwa ahabona. Ubu rero murabibona ? Nicaba ari ikintu ca ngombwa canegitegerezwa kuzobamwo kuko ivyo bizoshika ariko igihe imituragaro indwi…

Mumenye yuko igihe ba bamarayika indwi baje kugira bavuze inzamba,haca humvikana umuturagaro. Iyo Abisirayeli baba bagira begeranirizwehamwe, haravuga inzamba. Igihe ata gihe kizoba kigisigaye ni ho hazumvikanainzamba ya nyuma. Umuturagaro umwe gusa… Ariko ubu dufise imituragaroindwi ivuga yungikanya. Rimwe, kabiri, gatatu, kane, gatanu, gatandatu, indwi !Kubera iki rero ? Iyo Satani aza kumenya ivyo yokwononye ibintu vyinshi.Ariko hari ikintu kimwe atazi. Ashobora gusobanura uko agomba ivyoashaka vyose kandi akigana impano iyo ari yo yose! Ndibaza ko hari icomuriko muratahura ! Ariko

ivyo ntashobora kubimenya. Ntivyanditse nomw'Ijambo ! Ni ibanga koko ! Abamarayika, n'ibindi vyose vyaracecetse. Iyobija kunyiganga na gato, ivyo hari ico vyari gushira ahabona, ni co gitumavyaciye bicereza kandi bigahagarika no kuvuza inanga. Vyose vyaciyebihagarara.

84 Indwi ni igitigiri gitunganye c'Imana. Indwi [mwene Data Branhamakubise incuro indwi ku ntebe-U], indwi umwe inyuma y'uwundi. Imituragaroindwi yaciye yumvikanisha amajwi yayo yose hamwe nk'uko hari ikintu yobaivuze. Mumenye ko ico gihe Yohana yari yiteguriye kwandika, arikoakamubwira ati : « Ntiwandike! » Yesu ntiyigeze abivugako. Yohanantiyashoboye kuvyandika. Abamarayika nta co babimenyeko.166. Ni igiki ? Ni ikintu Yesu yavuze ko n'Abamalayika bo mw'Ijuru atacobabiziko. Na We nyene ntiyari akizi. Yavuze ko Imana yonyene ari Yo ibizi,ariko ko igihe tuzotangurira kubona ivyo bimenyetso bigaragaye…

85 (Mwatanguye kubibona neza ? Ni uko.) Murabe ko dutanguye kubona ivyobimenyetso bishika. Iyo Satani aja kubimenya…

Nimwaba mushaka ko hagira ikiba… Mwizere Ijambo ryanje, iyo nteguyegukora ikintu, ndaburirwa bikwiye kutagira ico mbwira n'umuntu n'umwe. Siukubera ko hogira uwubivuga ariko Satani yovyumva murabona. Ntashoborakwinjira mu mutima wanje mu gihe Imana yavyugaraniye mu mutima wanjeikoresheje Mpwemu Yera. Muri ico gihe ni ikintu kindaba jewe n'Imana. Sataninta co aba aramenya gushika igihe ubivuze ; rero yovyumva.

Ndamutse mbwiye abantu ko ngomba gukora iki canke kiriya, nca mbona wa murwanizi akora ivyo ashoboye vyose kugira ashireho intambamyi. Arikonshoboye kuronka uguhishurirwa kw'Imana hanyuma simvuge na kimwe, ahorero biratandukanye.

Mwibuke ko Satani azogerageza kwigana. Azogerageza kwigana ivyo vyose Ishengero rizokora. Yaragerageje kubikora. Twarabibonye biciye muri anti-Kristo. Yamara kino ni co kintu kimwe rudende adashobora kwigana. Nta kwigana kubaho kuri co, murabona, kubera ntaco azi! Nta buryo na bumwe afise bwo kukimenya. Ni wa Mukwego wa Gatatu. Emwe nta na kimwe awuziko, murabona. Ntawo atahura...

86 Ariko haba harimwo ibanga. Icubahiro kibe ku Mana ahasumba ijuru ! Mu misinsigaje kubaho sinzokwigera nsubira kugira ivyiyumviro nk'ivyo nagize kuvambonye…

Ubu ndazi intambwe ikurikira, ariko sinzi ingene nobisigura. Ivyontibizomara igihe. Iyo muba mwashobora kubibona, navyanditse igihe vyashikango : « Hagarika! Nturenge aho !

Si ndi umuntu akavya ndiko ndababwira ukuri gusa. Ariko mwibuke igihenagerageza kubasigurira ivyerekeye ka karato, ukuntu ubugingo buri hafi yavyoariko agatimanama, n'ivyo bintu vyose vyatanguje urukurikirane rw'ukwiganakwaje inyuma yavyo. Vyasaba ko mfata ukuboko kw'umuntu nkakugumyamaze ngatangura kudegedwa. Aho rero umwe wese yaca yumva atanguyekudegedwa mu kiganza ciwe ! Ariko nimwibuke igihe yantwara hariya hejurumaze akambwira ati : «Ng'uku ugukwegwa kwa gatatu. Nta n'umweazokumenya.» Ivyo muravyibuka? Ukwerekwa ntikwigera kwihenda ! Ni ukw'ukuri koko.

87 Muribuka n'ivyo neretswe kuri wa mugwi w'inyenyeri ? Charlie,turabigezeko ! Hari ikintu kiriko kiraba, narabikubwiye muri iyi ndwi… Ivyovyari vyagutwikiriye, ariko sinzi ko wabibonye. Muribuka wa mugwi w'inyenyeri muri kwa kwerekwa kw'abamarayika igihe nava ngaha nja muriArizona ? Muribuka Ubutumwa navuze, ngo : Bashingantahe, ni gihe ki ?Muravyibuka ?

Raba ko humvikanye umuturagaro ukomeye umwe gusa ! Hanyuma abamarayika indwi baca baraseruka. Si vyo none ? Umuturagaro ukomeyeumwe gusa maze abamarayika indwi baca baraseruka. « Mbona Umwagaziw'Intama amena kamwe muri twa dushashara ndwi tumatanije ca Gitabo:numva kimwe muri vya binyabugingo bine kivuga nk'ijwi ry'inkuba, kitiNgwino.» Murabona, umuturagaro umwe gusa. Ubutumwa indwibwamatanishijwe ishashara kandi budashobora guhishurwa imbere y'umunsiw'iherezo, muri iki gihe. Muratahura ivyo nshaka kuvuga?

88 Mwarabonye ikintu gitangaje muri iyi ndwi? Ng'ibi ivyo ari vyo. Ni koivyo vyagenze. Ivyo ntibiva ku kiremwa muntu. Bari abamarayika b'Umwami.Mumenye ko hari ivyabona bitatu vyicaye ngaha. Haciye indwi irenga, nari mumisozi i ruhande ya Mexique ndi kumwe na bene Data babiri bari ngaho muriuyu mwanya; narunamye kugira nkureko utubuto twari twafashe kw'ipantaloyanje igihe haba ukwasana gukomeye kwari gushobora no gusitura imisozi. Niivy'ukuri. Sinigeze ndabibwira bene Data, ariko barabonye itandukaniro.Umwami yaciye ambarira ati : « Ubu mwitegurire kuja mu buseruko! » Ng'iyo insiguro y'ukwo kwerekwa. Birakenewe kandi ko ndababwira komwene Data Sothmann atashoboye gufata igikoko yariko arahiga. Twarikoturagerageza kukimurondeza. Niho rero Umwami yambarira ati : «Nk'ikimenyetso ndaguhaye kuri uno mugoroba. Ntaco aja kubona. Ubuutegerezwa kwitegurira ukugendererwa kw'abo bamarayika. » Nca niyumvank'uko umenga si jewe. Muravyibuka. Nari mu burengero. Abamarayika bazabava i buseruko. Igihe bariko baraza naciye nduga ndi kumwe na bo. Ivyomuravyibuka? Baza bazananye mu buseruko.

89 Bene Data Fred na Norman, bari hano kuri uno mugoroba ni ivyabona. Mugihe twariko turamanuka, narageze aho mera nk'uwumvisha mwene Data koyosigara maze akaja kurondera igikoko ciwe. Si vyo ga mwene Data Sothmann?Ego. Mbere ari harya. Narabimwumvishije naho Umwami yari yambariye ati : «Ntaja kukibona.» Sinagira ico mvuga maze nibandaniriza akayira. Hari ikintucari gihagaze cerekeje rya hema, uwo musi aho... muravyibuka ga mwene DataSothmann? Hakivugwa ibintu gusa... ari he mwene Data Norman? Hariya...Narakurahije kutavuga ivyariko biraba. Si vyo? Mbega sinahindukiye mazenkaja kure y'ihema nk'uku? Si uko vyagenze? Ko ari vyo, vyari ivyo nyenekandi nari nzi ko ntashobora kubivuga bitarashika kugira ndabe ko abantubazobitahura.

90 Kandi nk'uko nabivuze mwarabonye ko umwe muri ba bamarayika, yariumumarayika adasanzwe? Yaguma andaba kurusha abandi. Ivyo muravyibuka? Bari hamwe, batatu batatu ku ruhande n'umwe hejuru. Kandi uwari anyegereyecane, uharuye uva i bubamfu uja i buryo, yari kuba umumarayika agira indwi.Yarakayangana cane kandi kuri jewe yari afise insiguro ikomeye kurushaabandi. Muravyibuka, navuze ko yari afise igikiriza kinini kandi akagurukayerekeye i buseruko. Ivyo muravyibuka? Nari naravuze nti : « Ivyo vyaramfashemaze biranzamura! » Muravyibuka?

91 Ni ivyo! Ni uwari afise ikigira indwi kimatanije ca Gitabo ari na co kintucanzazaniye mu buzima bwanje bwose! Amen! Ego ni vyo ko ibindi bimatanijeca Gitabo bifise insiguro ihambaye kuri jewe, ariko oh! Ntimuzi ico ico casiguyekuri jewe. Ni co gihe kuva nabaho nasenze kandi ngatakambira Imana. Hariinyuma ya ca gikorane c'i Phoenix nk'uko abari ngaha bose babizi.Nari narayekuri uwo musozi. Mu gitondo niho navyuka maze nja kuri Sabino Canyon,umusozi muremure uhanamye. Ndaduga hejuru nca mu kayira gatoyi mazendaduga gushika ku musozi witwa Lemmon nk'urugendo rw'ibirometero nka48. Hejuru hariyo urubura rwagera ku metero cumi.

92 Niho rero nava kuri uwo musozi imbere y'uko umutwenzi utambikanjanye ako kayira gatoyi, ngenda ntembagaza amabuye; numvise ndongowekugenda ntumbereye aho. Hanyuma ndakikama maze ntangura kuduga nca mubitandara bisataguritse vyari bifise uburebure bw'amatambwe amajanan'amajana nca ndapfukama muri ivyo bitandara, nshira hasi iyi Bibiliya n'akagakaye gatoyi. Ndavuga nti : « Mwami Mana, ukwo kwerekwa gusigura iki?Ivyo bisigura ko ngiye gupfa? » Muribuka ko nari nababwiye ko nibaza ko ivyovyasigura ko ngiye gupfa kuko nari nabonye ikintu giturika ku buryo congiraubunywenywe. Muravyibuka, Ni bangahe bumvise ivyo ndabivuga? Ego nimwebwe mwese! Nibaza ko ivyo vyasigura ko ngiye gupfa. Mu nyuma ndi mucumba canje, naravuze nti : « Vyari ibiki, ga Mwami? Ivyo vyose bisigura iki?Ivyo bisigura ko ngiye gupfa? Ni vyaba ari vyo, ni vyiza cane; sinzobibwiraumuryango. Namba igikorwa canje carangiye undeke gusa nitahire. » Vyariibiki? Ariko yaciye andungikira igishingantahe (muribuka ko nabibabwiye).Ntivyari vyerekeye urupfu rwanje ariko vyari vyerekeye ukuntu igikorwa canjecari kigiye kubandanya.

93 Oh, ivyo murabitahura? Nari nicaye hariya kuri Sabino Canyon Data womw'Ijuru arabizi. Nk'uko ari ivy'ukuri ko mwabonye ivyo bishika, abobamarayika baramanutse maze baremeza ubu butumwa bwose muca mumenyako ivyo biva ku Mana canke bitava kuri Yo; Ivyo mwabiburiwe biciye mukwerekwa. Nta na kimwe nari gushobora kuvuga ibikorane bitararangira kukonari nabujijwe kubivuga. Muri ico gitondo nari nicaye kuri Sabino Canyon maze mu gihe naduzaamaboko, umuyaga waciye ukororera hasi ya nkofero yanje ya kera yirabura.Niho nahagarara aho, nduza amaboko ndasenga. Nca mvuga nti : « MwamiMana ivyo bisigura iki? Sinshobora kubitahura Mwami. Nokora iki? Ni caba ariigihe co kwinjira mu Nzu yawe, ndeka nduge hariya aho batazosubira kumbona.Namba ntegerezwa kugenda, sinipfuza ko hari uwongandarira. Nshaka gusa koumuryango wanje wibaza ko nagiye gutembera hanyuma ntibazosubirekumbona. Unyegeze ahantu! Namba ntegerezwa kwitahira, undeke gusanitahire. Kumbure ko umusi umwe Yosefu azotora Bibiliya yanje ngaha. Umuhegushobora kuyikoresha. Namba ntegerezwa kwitahira, ndeka nitahire Mwami! »

94 Ibiganza vyanje vyari bitaritse ubwo nyene ikintu kimwe gica kinkora kukiganza. Sinamenye ico ari co, sinshobora kubivuga. Mbega nari nsinziriye?Sinzi. Ubwenge bwari bwazimiye? Sinzi. Kwari ukwerekwa? Sinoshoborakubibabwira. Ico nobabwira, ni uko vyari bimeze nk'Abamarayika. Ico kintucakoze ku kiganza canje. Ndavye : yari inkota ifise ikirindi gisharijwen'imaragarita. Yari nziza vy'ukuri. Yari ifise urwubati rw'inzahabu kandi ubugibwasa n'ubutare bita « Chrome » canke ifeza ariko ikayangana cane. Kandi yariikarishe nk'urwembe, Oh Bene Data! Naribajije nti : « Hoba hariho ikintu cizakuruta iki?» Yari ikwiranye neza n'ikiganza canje! Naribajije nti : « Ni nzizavy'ukuri! » Ariko ndavuga nti : « Ee, hariya! Jewe namye ntinya ivyo bintu! » Inkota!Kandi ndibaza nti : «Nzoyikoresha iki ? »

Ariko rero haca humvikana Ijwi ryanyiganyije ibitandara, ngo : « Ni inkotaya wa Mwami! » Ni ho rero ubwenge bwaca bugaruka. Inkota ya wa Mwami!

Yamara iryo jwi ntiryavuze ngo : « Ni inkota y'Umwami », ariko ryavuzengo : «Ni Inkota ya wa Mwami », kandi nta wundi « Mwami » atari umwewenyene, ni We Mana. Kandi hari Inkota imwe gusa, ari ryo Jambo ryiwe.Kandi ni ryo rimbeshejeho. Oh, Mana yanje! Mfasha nambare umwambarowiwe wera kandi nitwaze iyo Nkota yera kw'itako! Ni yo Jambo. Amen!

95 Oh, mbega imisi turimwo! Mbega ikintu ciza cane! Murabona ibangan'ikinyegezwa? Niho nari mpagaze igihe ivyo vyarangira. Ni ho rero ikintucanzako kirambarira giti : « Ntutinye! » Ariko sinumvise ijwi, ni nk'uko ariikintu cavugiye muri jewe. Ndababwira gusa ukuri, kandi ndabibabwiye nk'ukovyabaye. Hari icankozeko maze kiravuga giti : «Ntutinye»Ibi ni ugukwegwa kwa gatatu.

Ni ugukwegwa kwa gatatu. Muravyibuka ? Arambarira ati : « Hari benshibakwiganye kubera ivyo wagerageje gusigura. Ibi ntugerageze kubisigura.» Muravyibuka? Ni bangahe bibuka ukwo kwerekwa? Kuravugwa ku ma bande n'ahandi hose. Haheze imyaka itandatu canke indwi ivyo bibaye. Arambariraati : « Ntugerageze kubisigura ! Ni ugukwegwa kwa gatatu kandi aho ni hotuzobonanira.» Si vyo ? Arambarira ati : « Ntugerageze…»

96 Nari mpagaze aho mfise akarato k'umwana mu minwe igihe yavugananaje ambwira ati : « ubu rero shitsa igikorwa c'ugukwegwa kwawe kwa mbere.Niwamara kubikora, ifi izokwirukanga ikurikira icambo. » Hanyuma wiyubareku gukwegwa kwawe kwa kabiri kuko tuzoba ari udufi duto duto gusa. Ubwanyuma hazoba ugukwegwa kwa gatatu. Ni kwo kuzoyifata. »

Ni ho rero abo bavugabutumwa bose baca bankikiza, bavuga bati : «Mwene Data Branham, turazi ko ushobora kubikora! Haleluya, mwene DataBranham! » Uko ni ko abavugabutumwa benshi bama bankwegera mu bintu.Ndakunda abantu, ariko bama bakunda ko ubasigurira ibi n'ibi, ko ubasiguriravyose.

97 Ndavuga nti : « Rero, sinzi. Ndazi kuroba. Raba ingene bagira mugutangura : mubonye izo fi zose hirya no hino mutegerezwa kuzungagizabuhoro buhoro icambo.» Ni yo mayeri meza yo kuroba. Kandi ndababwira nti :« Zungagiza icambo!» Ariko, murabona, igihe nazungagiza icambo ubwambere, ifi zaciye zegera ariko twari dutoduto cane. Kamwe muri twokarasemura ku cambo. Nca ndavuga nti : « Ndagufashe! » Maze ncandagaterera i musozi. Nari nironkeye ifi, ariko kari gatoyi ku buryo wovuze koari agasato gatoyi kari ku cambo. Kandi ngihagaze aho, hari icambariye giti : «Nari nakubujije, nti : ivyo ntubikore! » Nca ntangura kurira.

Bose bari bankikuje nk'uku. Nari mpagaze aho, ndira nunamye. Ncandavuga nti : « Oh, Mana yanje, mbabarira! Ndi umuntu w'imburabwenge!Mwami mparira! » Bose bari bankikuje ariko raba ko ico gihe nari mfise akaratogatoyi k'uruyoya mu minwe kagomba kureha nk'uku, ariko umugozi wakowagomba gusumba urutoke rwanje, nka santimetero 2. Kandi intoboro icamwoumugozi w'ako karato ntiyarenza imirimetero n'igice. Kandi narageragejegufunga ako karato nkoresheje uwo mugozi munini w'isantimetero 2! Ijwirirambarira rero riti : « Ntushobora kwigisha ibintu bidasanzwe izo nzoya aribobapentekote! Bahe amahoro! »

98 Uwo mwanya nyene aranzamura kandi anshira ahantu hari ikoraniro; ahohari hameze nk'ihema canke nk'ikatedrale. Ndavye nca mbona ku rundi ruhandehari ahantu hatoyi hagomba gusa n'isandugu. Rero mbona yuko uwo Mucowariko uravugana n'umuntu hejuru yanje, uwo Muco mubona hariya kw'ifoto.Uca uja kure yanje mu gashururu nk'uku maze uca uja hejuru y'iryo hema ahowambariye uti : «Aho ni ho tuzobonanira.» Kuzoba ari ugukwegwa kwa gatatukandi nta co uzobwira umuntu n'umwe. Muri Sabino Canyon yambariye ati : «Uku ni ugukwegwa kwa gatatu.»Kandi hari ibintu bitatu bihambaye bijanye na kwo; kimwe carashizwe ahabonaejo, ikindi cashizwe ahabona uno musi, ariko hari ikintu ntashobora gusigurakuko cari mu rurimi rutamenyekana. Igihe nari mpagazeho kandi ndikondaraba ico kintu ndagihanze amaso naciye mbona ko kwari Ugukwegwakwa gatatu kwariko kurashika. Kandi Mpwemu Yera w'Imana...oh, beneData! Ni co catumye mw'Ijuru hose haba agacerere.

99 Vyoba vyiza mpagarikiye aha, murabona. Ndumva ntemererwa kuvugaibirenze ivyo. Mwibuke gusa ko igituma iki c'indwi kimatanije ca Gitabokituguruwe, icatumye atagihishura ni ukubera ko ata n'umwe ategerezwakugira ico akimenyako. Nagomba ko mumenya ko haciye imyaka myinshindonse ukwo kwerekwa imbere yuko ngira ico menya ico ari co cose kuri ico.Muravyibuka? Kandi ubu, co kimwe no ku bindi, iki gifata neza ikibanza cacoaho kiri mw'Ijambo. Imana irazi umutima wanje! Sinigeze na rimwe niyumviraikintu nk'ico kandi vyari ivyo! Igihe kigeze kure cane kuruta uko tuvyibaza! Oh,bene Data! Ivyo vyerekana gusa ko ivyo biva ku Mana, kuko murabona, ivyobihuye neza n'amasezerano y'Imana yasezeranye kw'iherezo ry'ubu Butumwa.

Mumenye ibi. Mu butumwa bw'igihe ca nyuma (iki kimatanije ca Gitabo)yarahishuye bikwiye bimwe bimatanije ca Gitabo ariko ntaco avuga kubijanye n'ikigira indwi. Kandi ikimatanije c'igihe ca nyuma, igihekizotangura, Bibiliya ivuga ko rizoba ari ibanga koko. Imbere yokuzorimenya...mwibuke Ivyahishuriwe Yohana 10:1-7. Kw'iherezory'Ubutumwa bw'umumarayika w'indwi, amabanga yose y'Imanaazomenyekana. Turi mu gihe c'iherezo c'iyugururwa ry'ikigira indwikimatanije ca Gitabo.

100 Ku w'iyinga uheze, haciye indwi, mvuze ubutumwa kuri iki cigwa ngo : «Mwicishe bugufi, mwicishe bugufi! Mwibuke ko Imana ikorera mu bintubito bito.» Sinabona neza ico ubwo butumwa bwavuga vyukuri, ariko ubu ndikondabibona. Vyose biba mu buryo bwiyoroheje cane! Nokwiyumviriye ko ikintunk'ico cohishuriwe i Vatikano, ariko ivyo bigenda nk'uko vyagenze kuriYohana umubatizi. Ivyo bigenda nk'uko vyagenze kw'ivuka ry'Umwamiwacu mu ruhongore! Imana ihabwe icubahiro! Imfashe kuko igihe kiri hafi. Nico tugezemwo. Oh, bene Data!196. Ubu rero murabibona? Murabona ukuri ku vyerekeye kwa

kwerekwakw'Imana n'ukuri kuri ba bamarayika indwi bankura mu burengero? Baribavuye mu burengero, bagaruka berekeza ubuseruko kandi banzana ahakubw'ubu butumwa bwo kuri uyu mugoroba. Oh, bene Data!

101 Ijwi ry'uwo muturagaro uhambaye n'igikorwa catanzwe ngahavyarahishuwe kandi bigaragazwa ko vyavuye ku Mana. Muvyiyumvireko. Sinarinzi ivyo bimatanije ca Gitabo kandi vyahishuwe muri iyi ndwi. Hariuwavyiyumviriyeko? Aba bamarayika indwi bari bafise ubutumwa bwari bugiyegutangwa ari bo bamarayika banzanye aha kubw'ivyo!

Mwibuke ko iyo ntumwa y'indwi, uwo mumarayika w'indwi nabonye,yasa n'uwufise insiguro nini kuri jewe gusumba abandi. Murabona, baribahagaze nk'uku (nashaka gusa ko mubimenya). Jewe, nari mpagaze nk'ahanitegereza. Mbona umugwi wa mbere w'utunyoni duto duto, tw'amababaashinyaraje. Muravyibuka? Baguruka berekeye ubuseruko. Umugwi wa kabiriwari ugizwe n'ibinyoni binini binini kandi bisa neza; vyasa n'inuma zishanjeamubi kandi na zo zaguruka zerekeye ubuseruko. Ivyo vyerekana ugukwegwakwa mbere n'ugukwegwa kwa kabiri. Hanyuma, umugwi ukurikira waciye ubauwo abamarayika.

102 Niho nari mpagaze aho igihe kwa kwasirana kwumvikana. Nariko ndarabamuri uru ruhande, nerekeje uburengero, nca ndababona banyegera, baranzamurabankura aho nari ndi hanyuma ubwo nyene nca ndata ubwenge. Uwarianyegereye (uwo nabona adasa n'abandi) yari i bubamfu bwanje igihe ninjiramuri uwo mugwi w'abamarayika, ariko uharuye uhereye mu bubamfu uja iburyo uwo yari yabaye umumarayika w'indwi yaza uhereye ku ruhande rumweuja ku ruhande.200. Mwibuke izo ntumwa indwi! Muribuka ivya ya piramide y'ibuye ryera munzozi za Junior Jackson nabasobanuriye? Ku mugoroba umusi nagenda...Habaye inzozi zitandatu kandi zose zavuga ku kintu kimwe. Hanyuma hazaukwo kwerekwa kwatumye nja mu burengero. Junior yariko aravyitegereza.Murabe ingene vyose bitunganye. Ndizigira kandi ndizera ko mwese mutahuraneza ko ngerageza kwitirira ubwo buntu Yesu Kristo We Nkomoko y'ivyovyose. Kandi igituma mutigeze mwumva mvuga uko mbere... Ariko ico gihe kiregereje!

103 Ubu nashaka ko mutahura neza kandi ko ivyo bibinjiramwo neza, kukonimirije kwongera gutandukana namwe.Sinzi. Sinshobora gucira urubanzaumuntu n'umwe. Imbere y'Imana nzobazwa ivyanje gusa. Ariko hari na rimwevyigeze gushika, muri iyi myaka yose iheze aho nababwiye ikintu mw'Izinary'Uhoraho ntigishike? Nta n'umwe yobivuga kuko nama mvuga ibintu nk'ukoyabimbariye.

Ubu rero mureke ndabereke kandi ndabemeze ko ivyo vyose ari ukurikutagabanije. Mwibuke iri jambo ngo : « Ni haba hariho uwa Mpwemu cankeumuvugishwa, jewe Uhoraho, nzovugana na we mu kwerekwa kandi nzomwiyereka mu nzozi.» Gusobanura inzozi! Yosefu yarashobora gusobanurainzozi kandi yarerekwa. Si vyo?

104 Mumenye kandi ibi. Igihe ivyo vyaba, Junior yari ahagaze mu murimaahari hari ipiramide nini yari yanditseko icandiko gikorogoshowe mw'ibuye,kandi nanje nariko ndabisobanurira abantu. Mbega ni vyo ga Junior? Ivyovyashitse haciye nk'umwaka avyeretswe.

N'ibi nimubimenye. Ndatora ikintu kimeze nk'urufunguzo ndugurura iyopiramide; imbere yasa n'ibuye ryera, ata na kimwe cari canditseko. Ico gihe niho naciye ntangura kugenda nerekeye uburengero. Maze nca mbwira bose nti : «Ntimuje mu burengero mugume aha murindire ko ngaruka. » Nari ngiyenerekeje mu burengero ahumvikaniye kwa kwasirana, hanyuma nsubira mubuseruko aho Mpwemu Yera yasobanuriye iryo Jambo ritari ryanditse; Oh?Hamwe ibirimwo Imana ishobora vyose bitoba bitunganye nagomba kumenyaibitunganye ivyo ari vyo! Kandi ni kubera iki ndababwiye ibi bintu ga bagenzibakundwa? Ni ukugira ndabereke ko tugeze mu gihe c'iherezo!

105 Namba rero ibindi neretswe vyari bihuye neza n'Ijambo, n'ibi na vyobirahuye neza n'Ijambo. Aho ni ho tugeze. Tugeze kw'iherezo, bagenzibakundwa. Igihe kigiye kurangira. Amamiliyoni y'abantu azopfa. Amamiliyoniy'abantu, bibaza ubu ko bakijijwe, bazohona mu gihe ca vya bibomberuhonyanganda.

Muri kino gihe ca nyuma tubayeho kubw'ubuntu bw'Imana Ishoboravyose, n'ukuntu itabara abantu bayo, kugira bashobore kunezerererwauguseruka kwa Kristo kwimirije. « Mu gihe kingana iki ga mwene DataBranham? » Kumbure mu myaka mirongo ibiri, kumbure mu myaka mirongoitanu canke ijana, sinzi; Kumbure ejo mu gitondo, kumbure kuri uyu mugorobanyene. Sinzi. Abavuga ko babizi bari mu kinyoma. Ntavyo bazi. Imanayonyene ni yo ibizi.

106 Ubu rero ni mumenye ibi. Imana imfashe! Kubwayo mba mvuze ukuriigihe mvuze ko ndabasuzuma mu vya Mpwemu, basuzumwa na Mpwemu Yera.Kandi basuzumwa n'abo bose bagenze nk'uko Bibiliya ivuga. None iryo bangarihambaye rihishijwe ni irihe muri iki kimatanije ca Gitabo nta ryo nzi.Sindarizi. Sindaritahura. Ntaco norivugako kirenze ku vyavuzwe. Arikondazi ko ari iyo mituragaro indwi yumvikanisha amajwi yayo ubwo nyeneikurakuranwa, igaturagara incuro indwi, kandi ko ivyo bibandanyabikarangiriza mu kintu kindi nabonye.

Igihe nabona ivyo, nararondeye insiguro bijanye, ariko sinashoboyekuyironka. Murabona ko ari ukuri kutagabanije, murabona. Igihe c'ivyo bintu ntikirashika, ariko turiko turavyinjiramwo. Ivyo biriko

biregerana. Ni co gitumaigikwiye kuri mwebwe, ari ukwibuka yuko ndiko ndabibabwira mw'Izinary'Uhoraho. Nimwame mwiteguye kuko mutazi igihe ikintu kanaka cobera!

107 Ariko igihe ivyo bizofatirwa ku makaseti (na vyo bikaba biriko birakorwa)birashoboka ko abantu ibihumbi n'ibihumbi bo mu bagenzi banje bazompeba,bavuga ko mwene Data Branham agerageza kwishira imbere no kwigiraumukozi, umuvugishwa canke ico ari co cose imbere y'Imana. Bene Data nabashikanje bakundwa, reka ndababwire ko ari ikinyoma! Ndababwira gusa iconabonye kandi nabariwe; mubifate uko mushaka! Sinzi ibigiye kuzoba. Sinzi.Ndazi gusa ko iyo mituragaro indwi irimwo iryo banga kandi ko amajuruyacereje. Umwe wese yabitahuye?

Kumbure ko igihe ari iki. Igihe kumbure kiregereje ubu aho uwo muntumwiza cane turorereye kubona atangura igikorwa agiye gutangura gukora.Kumbure ko ibango ry'igikorwa canje, ico nagerageje kugarukanisha abantukw'Ijambo, cashizeho urufatiro; ni vyaba ari uko, ngiye gutandukana namweburundu. Ntituzoba babiri mu gihe kimwe. Ari uko, azoshirwa hejuru nanjence bugufi. Sinzi. Ariko nahawe n'Imana amahirwe yo gushobora kuraba nokubona ivyo ari vyo no kubishira ahabona gushika ico gihe. Kandi ni ivy'ukuri!

108 Ndazi neza ko mwabonye ibintu vyabaye muri iyi ndwi. Ndazi neza ko wamusi ku mugoroba mwabonye ka kana k'agahungu ko mu muryango wa Collinskaryamye harya kari ku mpfiro na ka kana k'agakobwa kari kagwaye Kanseri yomu maraso. Ubwami bw'Imana buriko buraza! Kandi turiko dutera tuva mu bibituja mu vyiza nk'uko vyamye na mbere. Ivyo ntivyategerezwa gutera ubwobaabantu! Twavuye mu gutsindanishirizwa tuja ku kwezwa, hanyuma ku mubatizowa Mpwemu Yera, kandi hanyuma turiko twumva ibi. Tuguma turushirizakwegera Imana.

Bavugabutumwa b'abametodiste, ntimushobora kubona ukuntu ubutumwabwanyu bw'ukwezwa bagiye kure y'ivyo Luther yigishije? Namwe,abapentekote, ntimushobora kubona ukuntu Ubutumwa bwanyu ku mubatizoburengeye ivyo abo metodiste bigishije? Muratahura ivyo ngira mvuge? Oh, hariibintu vyinshi vyaje, ni ivy'ukuri. Kandi ni haba hari umuntu yanka ikibi, nijewe! Kandi ni haba hari abantu bavuga vy'ukuri ikinyoma atari ukuri, ivyondavyanka. Ariko ndakunda ukuri kugaragara. Uko kwoza guhagarika iyi nziracanke iriya nta co bitwaye, namba ari ukuri, Imana izoruhira kwerekana ko ariukuri. Kandi nitabikora mu misi iri imbere, ni uko ivyo neretswe bizoba bitariivy'ukuri. Murabona ingorane ivyo binteza.

109 «Mwene Data Branham, ivyo bizoba ryari? » Sinshobora kubibabwira. Ntaco ndabiziko. Ariko umusi umwe hamwe vyoshika ntitwongere kubonanira ngaha kw'isi, tuzohurira hariya, kuri ya Ntebe y'urubanza ya Kristo. Kandimuzobona ko, muri iki cumba, uguhishura kuva ku Mana (nk'uko ukundi kwosena kwo kwavuye ku Mana)... Rimwe mu mabanga yo muri ico kimatanije caGitabo, igituma ritahishuwe ni uko ya mituragaro indwi yumvikanishijeamajwi yayo kandi ko bitunganye kuko ata n'umwe azi ikintu kuri ivyo.Ivyo mbere ntivyananditswe. Gurtyo rero turi mu gihe c'iherezo. Ni coturimwo.

Ndashimira Imana kubw'Ijambo ryayo. Ndayishimira ku bwa Yesu Kristokuko iyo ataza kubw'impongano y'ivyaha vyacu, twese twobaye mw'ishayorikomeye ry'icaha ata cizigiro na kimwe dufise. Ariko kubwo ubuntu bwiwe,amaraso yiwe yoza icaha cose. Ni nk'akama k'irangi gakorokeye mu ndobo yawa muti ukuraho amarabaga : ntusubira kwongera kuribona. Iyo ivyaha vyacuvyatuwe, bica bishirwa mu Maraso ya Yesu Kristo kandi ntibisubirakwibukwa ukundi. Imana iravyibagira; mbere ntibiba vyarigeze nogukorwa! Igihe ico kimazi kikiri aho, kitubereye impongano, ico ni cogikenewe. Ntitukiri abanyavyaha. Turi abakristo kubw'ubuntu bw'Imana.

110 Mwibuke ko imbere muri twebwe twagumye turi babi, ariko murabona koubuntu bw'Imana bwadushitseko kandi ni co catugize ico turi uno musi, beneData na bashiki bacu b'abakristo.

Kubwanje, iyi ndwi yambereye iyidasanzwe. Ndarushe; umutima wanjeurarushe kuko nakoze ivyo nshoboye vyose. Buri musi haguma haba ikintukidasanzwe. Igihe naba ndiko ndagendagenda mu cumba canje, nagumantangazwa no kubona haheze iminota mikeya hari ikintu caca gituma ubwonyene mpindura burundu uko mbona ibintu. Rero naragenda kurondera. Nacanguma nja kurondera ivyo naba naranditse. Ngafata ibitabo vy'UmwigishaUriah Smith n'ivyo abandi bose maze ngasubira kubisoma. Naribwira nti :«Ng'iki ica gatandatu kimatanije ca Gitabo, ng'iki ikigira kane kimatanije caGitabo. None uwo mugabo we avuga iki?»

Yavuga ati : « Ni ibi canke biriya.» Rero naca nsuzuma nkongera nkajakuraba uwundi mwanditsi yavuga ko ari ibi canke biriya. Ivyo ntivyahura neza.

111 Rero nkizunguruka icumba canje naribajije : « None ga Mwami, ni ibiki ?»Narapfukamye maze ndasenga hanyuma ngaruka gutora Bibiliya yanje mazendicara kugira ndayisome, hanyuma nongera nsubira kugendagenda. Ubwonyene, igihe nari mu gacerere vyose vyaba nitegereza. Rero nca nihutira gufataikaramu kugira ngo nandike ivyo nariko ndabona, nguma ndi maso gushikandavyanditse vyose. Hanyuma umusi wose naca ndawumara ndikondakurikirana ivyo bintu mu Vyanditse nongera ndaba ko ivyo bihuje na vyo kuva ku ntango gushika kw'iherezo. Ivyo vyaca vyerekana ko vyose ariivy'ukuri.

Maze gusubiramwo ivyo bintu naribajije nti : « Abantu benshi barerekwa.Hariho benshi bagize ivyo bahishurirwa. » Ariko igihe bihushanye n'Ijambo,vyihoze. Ni ivy'ukuri ! Bireke.

112 Ndiko ndabandanya ndondera, nakomeza kwandika nongera nibaza nti : «Rero, abo nzovyigisha bazonezererwa no kuvyumva kuko bihuriza hamwe.Reka turabe; aha handitse iki ? Ego, ng'ibi aha nyene !» Murabona ? Ivyobitujana kuri Bibiliya iyo iva ikagera, kandi vyose twarabifatanirije hamwe muriiyi ndwi. Ubu rero vyarafashwe amajwi. Tuzonezerwa no kubibaha. Kandinabikoze aho ngeza kumenya mu gufatanya gikristo kw'abavukanyi, kubwoubuntu bw'Imana igirira umuntu wese kubwa Yesu Kristo. Vyukuri nakoze ivyonshoboye muri iyo ndwi.

Muri mu bantu beza maze kwigisha. Nta n'umwe yoshobora kumpinyuza.Mwaje kuva isaha indwi z'umurango mu gihe imiryango yugururwa kuva isahacumi n'imwe zo ku mugoroba! Mwagumye mu mbeho no mu rubura. Ntacomutakoze! Mwagumye muhagaze mwegamiye impome gushika aho musigaramubabara mu maguru. Nabonye abagabo bicara hasi kugira ngo bahe ibibanzaabagore. Abandi bagumye bahagaze canke bicaye aho ari ho hose.

113 Nibajije nti : « O Mwami, ese ukuntu iyi yinga yabaye nziza cane !»Kubona abo bantu barashimye kuza, vyabaye ibitangaje. Nababona bahagazehanze ncishije mu myanya y'amadirisha, imbere y'umuryango, hose, kandibumviriza. Kandi ntari agakura mu majambo. Ndazi ubwenge buhagije bwokumenya ntari agakura mu majambo. Ariko ni kubera iki abantu bazakwumviriza nk'uko? Kubera iki ivyo babikora? Ntiboje kwumviriza umuntunkanje, ariko baje kuko hariho ibibakwega. Hari ikibakwega. Ariko nk'ukoumufasha wanje yaririmbira iyi ndirimbo aha imbere ngitangura, ngo : Baje bava i buseruko n'i burengero Baje bava mu bihugu vya kure Kugira basangire n'Umwami ku mazimano. Kugira babe abashitsi b'iteka ku mazimano. Ese ukuntu izo ngenzi zihezagiwe! Bitegereza mu Nyonga hiwe hahezagiye, Hakayangana umuco uva ku Mana, Abo yagiriye ubuntu bahezagiwe, Nk'ibitako vyakaka biri ku Gitsibo ciwe tw'igiciro, biri ku gitsibo ciwe. »

114 Ese ibi mwovyamiza ku mutima : kuba akabuyenge k'igiciro kari kugitsibo ca Yesu Kristo. Paulo abwira Ishengero ati : « Muri ibitako, utubuyenge. Twifuza kuba utubuyenge tw'igiciro turi kugitsibo ca Yesu Kristo. Ntituzokwigera dushira ico gitsibo ku mutwew'umuntu. Ivyanje vyose muvyibagire! Ndi mwene So, umunyavyahayakijijwe kubw'ubuntu kandi atari abereye kubaho. Ni ukuri kutagabanije.Simvuga ivyo kugira mbe uwuciye bugufi. Ni ko biri. Nta kiri muri jewe, ntakintu ciza na kimwe kindimwo. Ariko ubuntu bw'Imana bwarakundiye amasoyanje atabona neza kurengana ibihe, ngo abone ivyo bintu vyo mw'Ijuru,hanyuma ndagaruka...

115 Nkiri agahungu gatoya narakunda abantu kandi nama nshima kugiraumuntu ankunda kandi akanyagisha. Ariko nta n'umwe yabigomba kuberaukuvugwa nabi kw'umuryango wanje. Nta n'umwe yagomba kunyagisha. Arikoigihe niyegurira Imana nibaza ngo kumbure, ko umuryango wanje ukomokamuri « Irlande » kandi abawugize bose bakaba ari aba katolika, ivyo bizotumaibintu bija mu buryo. Narajayo, kandi vyari ibindi. Hanyuma naciye njamw'Ishengero ry'Ababatiste ryitwa irya mbere kandi aho vyari ibindi. Ni honaca mvuga nti : « Mwami, hategerezwa kuba hari ikintu c'ukuri! » Hari icaciyekimbwira giti : «Ni Ijambo!»

116 Naragumije iri Jambo. Murabe ivyo neretswe vyose. Umusi nashirakoibuye ry'imfuruka ry'uru rusengero, naryanditseko ivyo yari yanyeretse muri icogitondo nyene : «Uvuge Ijambo ry'Imana uhore ugavye mu gihe gikwiye, no mukidakwiye, uhane, wihanize, uhanure, mu kwihangana kwose no mu kwigisha.Kuko igihe kizoza, batazokwemera kwumva ukwigisha kuzima; arikokukw'amatwi abarya yifuza kwumva ibibanezereza, bazokwirundanirizaabigisha bahuje n'ukwifuza kwabo kandi bazokwiziba amatwi, ngo ntibumveukuri, bazozimira bakurikire imigani y'ibinyoma.» (2 Timoteyo 4 : 2-4). Narinarabonye ivyo biti bibiri, ivyo nasanze ndiko ngirira co kimwe. Ni ivy'ukuri.Aho ni ho tugeze, ni ivy'ukuri.

117 Ubu mureke nongere ndabahanure. Ntihagire uwo ari we wese mubwirango urakoze. Ntimwibaze ko hari iciza cova mu muvugabutumwa canke mumuntu uwo ari we wese apfa, kuko ata ciza kiri muri we, ata kimuvamwo.Uwo yoba ari we wese. Nta ciza na kimwe kiri mu muntu n'umwe. Niivy'ukuri. Aha iyo haza kuba urukurikirane rw'inzamba zivuga hanyuma imwemuri zo ikumvikanisha ijwi yisangije... ica ngombwa ni umuntu. Izo nzamba ntajwi zumvikanisha. Ni uwuzi kuvuza inzamba kandi azi ico agiye gukora ayitora.Inzamba ntaco irimwo. Ijwi ryayo riva ku wuriko arayivuza (ni ivy'ukuri).Inzamba zose ni zimwe, abantu bose ni bamwe, abakristo bose ni bamwe.

118 Nta bantu bahambaye bari muri twebwe. Ntituri abagabo b'ibihangange,abagore b'ibihangange, twese turi bene Data, twese turi bamwe kandi turangana.Ntiduhambaye. Nta muntu turutisha abandi. Si ikintu co gukora na mba! Twese turi abantu buntu. Ntimugerageze gusobanura ukundi ibintu! Ntimugeragezegukora ico ari co cose kirenze aho kiretse kubaho gusa ubuzima bwegereyeubwa Yesu Kristo, bumuhesha icubahiro n'ishimwe. Ubu rero umwe wesearatahura ivyo? Mumukunde n'imitima yanyu yose! Muramukunda? Ndamukunda, ndamukunda Kuko ari We yabanje kunkunda Maze andonkera agakiza Ku giti i Karuvariyo.

119 Mwese muratahura neza? Mbega umwe umwe wese arizera? Mwibuke iconatanguriyeko : « Ni nde

yemeye inkuru zacu kandi Ukuboko k'Uhorahokwahishuriwe nde?»Mbega yarabahishuriye imbabazi ziwe n'ukugira neza kwiwe? Amen!

Mwibuke gusa ibi : mumukundishe imitima yanyu yose. Ubu ngiyegusubira i muhira, Umwami abikunze, nzogaruka hagati yanyu nk'itariki imwez'ukwezi kwa gatandatu kumbure, Uhoraho abinshize ku mutima. Kumbure konzosubira kubabona ici ritanguye, mu kwezi kwa gatandatu canke mu kindigihe, canke kumbure agatasi gatanguye, Umwami agitebaganye. Arikonoshimye kugaruka nkamara kandi imisi indwi ndi kumwe namwe kugira twigeza nzamba indwi za nyuma. Murabikunze? Mwonsengera kugira Imanaimfashe? Ni uko! Gushika aho tuzobonana, muze mwibuke aka karirimbo kezaka kera : Ndamukunda, ndamukunda Kuko ari We yabanje kunkunda Maze andonkera agakiza Ku giti i Karuvariyo.

Ubu ndabasavye mwunamike imitwe yanyu; nifuza kubasengera. Imberey'uko umwungere asozera igikorane, nifuza kubasengera

120 Data wo mw'Ijuru, Mwami, ese aba bantu bose boshobora gutahura! Ndazineza ko harimwo bamwe bamwe badatahura. Ariko Data, ese boshoborakumenya intumbero kandi bagatahura, Data, ko ivyo bintu vyahishuwe kubwoubuntu ubagirira. Kandi ndagushimira, Mwami, kubwo ubwenge butumenyeshaivyo bintu waduhishuriye. Kandi ndasengeye abari aha bose, abo bose baje muriibi bikorane.

Mwami? Ni haba hariho abatizera, ese boshobora kuba abizera!Ndasengeye kandi abo bose bazokwumva ubu butumwa buri ku makasete.Kandi ni vyashika (nk'uko ivyo bizoshika ata nkeka) mu mazu y'abatizera benshi batavyemera, Data, ndasengeye umwe umwe wese muri bo kugira imbereyo kuvuga amajambo yo kurogota, babanze bicare maze basesangureIvyanditswe ku vyavuzwe maze hanyuma bakubarire ko vyukuri buguruyeimitima kandi bipfuza kumenya ko ari ukuri canke atari kwo. Ndabasengeye Data.

121 Kandi ndasengeye abo bose bagumye bahagaze begamiye impome,abagumye hanze abagumye bicaye mu miduga yabo, abana bato bose, bose,Mwami; ndabasengeye bose. Kandi ndasavye ngo amasengesho yanje yishurwemaze ubahezagire.

Ubwa mbere, Mwami, ubahe bose Ubugingo budashira. Kandindabasengeye kugira ntihagire n'umwe muri bo azimira. Ntihagire n'umwe.Kandi ubu, Data, ntituzi igihe ico kintu ciza cane kizoshikira, ariko mu gihetubona ivyo bimenyetso vyose bo n'ivyo bintu bihuye n'Ivyanditswe bigaragara,biburira imitima yacu bimwe vy'akaburarugero. Kandi ndagusavye, O ManaData wa twese, ni uze udufashe.

Ndagusavye ufashe umwungere wacu mukundwa, mwene Data Neville.Umwuzuze ubuntu, ubushobozi n'ubwenge kugira ashobore gufata izimfungurwa zabitswe maze azigaburire intama z'Imana. Mwami, ndagusavyeubarinde indwara. Iyo abantu barwaye, bashobore kwibuka amaraso ya YesuKristo ari ku gicaniro ari na Yo mpongano yikwije. Ndasavye ngo bakire ubunyene. Kandi ndagusavye ngo wigize kure yabo ubushobozi bwa Satanibugomba kubaca intege canke kugerageza kubatuma birema ibice. Mwami,ugumize gusa kure yabo ubushobozi bw'umwansi! Utwezeshe Ijambo ryawe! Ubiduhe Mwami.

122 Hanyuma, Mwami, ndagusavye ngo umfashe. Mwami ndiko ngenda nsaza.Ndazi yuko ntagisigaje imisi myinshi yo kubaho kandi ndagusavye umfashe.Mbe umwizigirwa, Mwami, imvugakuri mfise n'umutima ukeye kugiranshobore gutwara ubutumwa aho nabwiwe kubujana hose. Kandi igihe canje cokuja kwiruhukira nicagera, igihe nzomanukira ku ruzi aho imipfunda izotangurakuntwara, O Mana yanje! Ese noshobora guhereza iyi Nkota ya kera umuntuazoyikoreshanya ubwizigirwa, Mwami, kandi azotwara ukuri. Uvyemere,Mwami! Kugeza ico gihe, umfashe ngire inkomezi, ngire amagara mezan'umwete. Fasha ishengero ryanje. Uduhezagire twese hamwe, Mwami. Turiabawe. Turumva ubu ko Mpwemu wawe ari kumwe natwe. Turizera kouzokwishura amasengesho yacu, kuko tukwihereje wewe n'Ijambo ryawe kugiratugukorere igihe cose gisigaye c'ukubaho kwacu kuri iyi si. Tubigusavyemw'Izina ry'Umwana w'Imana, Yesu Kristo Umukiza wacu mukundwa nokubw'icubahiro ciwe. Amen. Nda... (Imana ibahezagire) Ndamukunda, ndamukunda (n'umutima wanje wose) Kuko ari We yabanje kunkunda Maze andonkera agakiza Ku giti c'i Karuvariyo.

123 [Muhejeje gusoma/kwumviriza Ubutumwa bw'inkomoko bw' “Amashashara Ndwi” nk'uko bwigishijwe bwose kuw'Iyinga, Igenekerezo rya 24 Ntwarante 1963, mw'Ihema rya Branham, i Jeffersonville, Indiana. Mwene Data Branham ntiyashatse ko uku gufatwa amajwi gushirwa ku mugaragaro. Umunsi wakurikiye, Kuwa Mbere Igenekerezo rya 25 Ntwarante 1963, mwene Data Branham yaragiye ku nzu y'uburaro aho mwene Data Fred Sothmann na mwene Data James Maguire bari bacumbitse mur'ico gihe kugira bakore amabande. Mwene Data Branham yabwiye aba bene Data gurtya: “Sinshaka yuko ubu butumwa bukwiragizwa uku bumeze.” Amaze kwumviziriza wenyene ubwiwe iyi bande, yaciye abwira aba bene Data guhagarikira ahantu kanaka, kandi aho hantu (uhereye ku karongo ka 261) haciye hafatwa amajwi mashasha mu mwanya nk'uw'iminota mirongwibiri (akarongo ka 377-414). Aya majwi niyo yongeye arakoreshwa mu gishingo c'ay'ubwa mbere gushika ku mpera (261-373) Uku gufatwa amajwi kwashizwe ku mugaragaro gusa mw'Ishashara ry'Indwi gushika mu 1966. Mwene Data Branham amaze kugenda, inama y'Ishirahamwe ry'Ikwiragizabutumwa ya William Branham yarumvikanye gushira ahabona ibande ya mbere yafatiwe mw'Ihema rya Branham. Uhereye ico gihe, izo bande zompi ziraronkeka. Rero twongeyeko

ibi mwene Data Branham yongeye kw'iyi bande, hamwe n'iya mbere y'Ishashara ry'Indwi. Ijwi rikurikira mwumva/amajambo akurikira musoma, bizoba ari ivyo mwene Data Branham yavugiye mu cumba c'iyo nzu y'uburaro, kuwa Mbere, Igenekerezo rya 25 Ntwarante 1963.]

124 ....Ni ikintu ciza ko Satani ata na kimwe azi kuri ico kintu, kuko iyo bijakumera uko yovyiganye... Uko ni ko adukorera ikibi. Ni co gituma Imanayabihishije rwose isi yose mbere no mw'Ijuru ku buryo ata buryo nabumwe buriho bwo kubitahura, kiretse igihe Imana yo nyeneizobihishurira.

Nagomba kandi uno mugoroba ndabereke ko harimwo intumbero iriuburyo butatu mu ca gatandatu kimatanije ca Gitabo. Hari intumbero iri uburyobutatu mu bagendera ku mafarasi. Habaye intumbero iri Uburyo butatu muriivyo bintu vyose. Ivyo vyongera kutugarukana ku bitigiri gatatu n'indwi, bimweindwi bimatanije ca Gitabo, za nzavya indwi, n'ibindi n'ibindi.

125 Kandi gatatu n'indwi ni ibitigiri vy'Imana mu biharuro vyayovy'uguhishura Ijambo ryayo. Nimurabe yuko ari co kimwe na bamwe bagenderaku mafarasi. Haserutse amafarasi atatu. Imwe yasa n'igitare, iyindi yariiy'akagajo, iya gatatu na yo yari iy'agapfyiri. Ifarasi ya kane, rero, yari igizwen'izo zitatu zose zivanze. Murabona, ni intumbero iri uburyo butatu.

Imana yabikoze kandi uko nyene igihe yarungika Intare yayo (ari yo yariIjambo ryayo) kugira irwanye Antikristo. Turabona ko mu gihe c'uguhamwayaciye irungika ikimasa, ari co gikoko co gutangwa kw'ikimazi. Kandi muri icogihe c'uguhamwa, ico abantu bari bashoboye gukora gusa kwari ugukorank'abagurano no kwishikana bo nyene nk'ibimazi.

126 Hanyuma turabona ko mu gihe cakurikiye, igihe c'abaringanije ukundigusha ivy'ugusenga, Imana yarungitse ubwenge bw'umuntu (ikinyabugingogifise mu maso hasa n'ah'umuntu) ari bwo bwari ubushobozi bwiyerekanira mubaringanije ukundi gusha ivy'ugusenga.

Ntibitangaje kubona abantu b'ubu bakibeshejweho n'ivyasigajwen'abaringanije ukundi gusha ivy'ugusenga. Ni ukubera yuko babona ibintunk'uko ishengero ribibona, babibona nk'uko bavyigishijwe mu maseminariyabo. Harabayeho igihe ubwo ari bwo buryo Imana yakoramwo, ariko ubu ivyo twarabirenganye.

127 Ubu turi mu gihe c'Inkukuma, igihe vyose bihishurwa. Ibi mubigereranyen'Ivyahishuriwe Yohana 10, umurongo wa mbere gushika ku w'indwi, ahavugako inzamba y'ubutumwa bw'umumarayika w'indwi imaze kuvuga amabangay'Imana azoba aherahejwe.

Twarabonye kandi ko iyugururwa ry'ica gatandatu kimatanije ca Gitaborifise intumbero iri uburyo butatu. Intumbero ni izi : Iya mbere ni uko zankumi z'ibijuju zitegerezwa guca muri vya vyago bihambaye kugirazitunganywe. Zitegerezwa kwozwa icaha cabo co kutizera, no kuba barashibuyeubutumwa. Ni co zikora mu gihe ca vya vyago bihambaye. Twongera kuzibonaaha mu Vyahishuriwe Yohana mu gice c'indwi, hagati y'ica gatandatun'ic'indwi bimatanije ca Gitabo, bamaze gutunganywa, aho zironkeraimvune zazo.

128 Ariko zo, si umugeni; ni ishengero, ni abatunganye ariko kumburebataronse akaryo ko kwakira ubutumwa, canke bahumishijwe n'abavugishwab'ibinyoma mu buryo bumwe canke ubundi. Ntibaronse akaryo ariko kuvy'ukuri bafise imitima ikunze kandi Imana irazi imitima yabo, kandibatunganywa muri ico kiringo.

Ni murabe ko hariho ikindi kiringo c'ugutunganywa. Ni ic'Abisirayeli mugihe baba bariko baregeranywa. Ni yo ntumbero igira kabiri. Imana itunganyaAbisirayeli mu gihe ca vya vyago bihambaye. Mu mamiriyoniy'abazokwegeranirizwayo, bamwe 144.000 bazoshirwa ku ruhande kandibongere batunganywe. Imana ni Yo itunganya Abisirayeli.

129 Mumenye neza kandi ko isi yose izotunganywa. Hazoba ikintu kizotumaukwezi, inyenyeri n'ivyaremwe vyose bitunganywa. Murabona ivyo ari vyo? Isiiba nshasha yatunganijwe maze ikitegurira kwa kuganza kw'imyakaigihumbi. Kwa kuganza kw'imyaka igihumbi kuregereje! Kandi murabona,ikintu cose canduye na buke buke gitegerezwa gutunganywa mu cagatandatu kimatanije ca Gitabo.

Mwarabonye ko kw'iyugururwa ry'ic'indwi kimatanije ca Gitabo, na honyene hari ibanga riri uburyo butatu? Hari ivyo namaze kuvugako kandi ngiyekwongera kuvugako, ni ukuvuga ibanga rya ya mituragaro Indwi. Imituragaroindwi mw'Ijuru izoshira ahabona iryo banga. Kizoba ari ca gihe nyenec'ukuza kwa Kristo kuko Kristo yavuze ko ata n'umwe azomenya igiheazogarukira.

130 Mwarabonye igihe Abayuda babimubaza? Mwarabonye ko muVyanditswe, igihe twahuza bimwe bitandatu bimatanije ca Gitabo na Matayo 24, ic'indwi kimatanije ca Gitabo kitarimwo kuko, murabona, Kristo yavuze ko n'abamarayika batabizi, Imana yonyene ni Yo ibizi. Ntibitangaje kukontivyanditse no kwandikwa. Murabona, kabaye agacerere. Ico gihe nta nakimwe cabaye. Abamarayika ntibabizi. Nta n'umwe azi igihe azozira. Arikohazoba amajwi indwi y'iyo mituragaro indwi izozana ukwo guhishurirwakudasanzwe muri ico gihe!

Kuri twebwe, ndizera ko tutabizi kandi ko ivyo bitazomenyekana imberey'ico gihe. Ariko bizohishurwa kuri urya musi kw'isaha vyategerezwakuzohishurirwako. Rero ikintu kimwe gusa dushobora gukora ni ukwubahaImana, tukayikorera, tugakora ivyo dushobora vyose nk'uko ukumenyakwacu kungana, no kubaho ubuzima bubereye abakristo.

Twarabonye rero ko ica gatandatu kimatanije ca Gitabo cuguruwe.Twarabibonye, ariko turazi ko ic'indwi kimatanije ca Gitabo kitazoshoborakumenyekana imbere y'uko iyo saha ishika.

131 Hariho igituma Imana yumvikanishije ayo majwi indwi kuko ayoategerezwa kuza kandi turabona ko Kristo, wa Mwagazi w'intama yafashe mukuboko kwiwe ca Gitabo maze yugurura ic'indwi kikimatanije. Arikomurabona, ni ibanga ryahishijwe. Nta n'umwe arizi. Kandi ivyo bihujeneza n'ivyo yavuze ngo : « Nta n'umwe azomenya igihe azozira kandi ntan'umwe azomenya na kimwe ku bijanye n'ibanga ry'imituragaro indwi.»Murabona rero neza ko ivyo vyose bifatanirije hamwe.

Ibisigaye vyose turashobora kubitahura gushika aho uno musi kuko vyovyashizwe ahabona, ariko ibi vyo ntivyashizwe ahabona. Igihe nari nicayemu cumba canje narumvise canke ahubwo narabonye ivyo bintu bishizweahabona gushika kuri iyo mituragaro indwi. Muri uwo mwanyantidushobora kurenga aho nyene. Kandi ubu ndibaza ko umwe wese murimwebwe azokorera Imana, ko azokora ibiroranye, ko azoyikunda ubuzimabwiwe bwose kandi ko azoyikorera, kandi ibisigaye Imana izovyitwararika.

132 Ubu kubw'ubuntu bw'Imana, turafise amabanga ya bimwe bitandatu vyambere bimatanije ca Gitabo vyari vyaramatanishijwe ishashara kandi turatahuratukongera tukamenya ko ng'aha ikigira indwi kimatanije ca Gitabokidategerezwa kumenyakana. Ubu rero, ku vyerekeye Ukuza kwiwe, igihe isi izorimburwa... Murazi komuri Matayo 24 havugwa ngo : «...ikimenyetso kizoba iki c'Ukuza kwawen'ic'umuhero w'isi?» Igihe bamubaza ivyo bintu muri Matayo 24 yarabivuzeko.Yarababwiye ivyo ugukoranirizwa hamwe kw'Abisirayeli nk'ihanga kumurongo wa 31. Ariko murabona ko mu nyuma yaciye atangura kubibabwiriramu migani? Yarababwiye ati : « Mwigire ku musukoni, umugani wawo : ishami ryawo iyo ritoshe, amababi agatutuza, mumenya yukw'agatasi kari hafi.» Ni ukonamwe nimwabona ivyo vyose bishitse, muze mumenye ko igihe cegereje.

133 Murabona ko Abisirayeli bariko begeranirizwa mu gihugu cabo bwite.Ariko mwarabonye ko atashizemwo uguhishurwa kw'ic'indwi kimatanije caGitabo. Kandi hanyuma igihe yugurura ic'indwi kimatanije ca Gitabo, yaciyen'ubundi areka kukivugako. Turabona rero ko ari ibanga koko. Ni co gitumaigihe co kumenya iryo banga kitarashika. Aho rero ni ho turi kandiibisigaye kizomenyekana neza mu gihe Yesu azokwongera guseruka kw'isiaje gutora Umugeni, wiwe, canke ico ari co cose gitegerezwa kuba ico gihe.

Mu kurorera, dusenge gusa kandi tubeho ubuzima gikristo bwiza kandibugororotse, tunezerererwa Ukuza kwiwe.

134 Ubu rero, iyi kasete iramutse ikorokeye mu minwe y'abantu bamwebamwe, ibi bintu ntibagerageze kubikoramwo akarwi. Ikintu kimwe gusa cogukora ni ukubandanya dukorera Imana, kuko iryo banga rihambaye rirakomeyecane ku buryo Imana itashimye no kureka Yohana ngo avyandike.Umuturagaro waraturagaye maze ica idusezeranira ko uzoshirwa ahabona,ariko gushika ubu nturashirwa ahabona.

135 Ariko turashimira Imana ku vyo yatweretse. Namaze imisi umunani ndihariya hejuru mu cumba canje, benshi muri mwebwe bazotahura Ubutumwampejeje kubasigurira. Ndababwiye ko hari ikintu co mu buryo bw'impwemucabaye muri ico gihe cose, ariko ndazi neza ko mutakibonye. Ico na co ni iki : niukwemezwa kutavuguruzwa ko insobanuro y'Ivyanditswe yarungitswe n'Imanakuko n'imbere y'uko ndavyinjiramwo, nagiye mu burengero aho Umwamiyampereye ukwerekwa umusi umwe nk'isaha zine zo mu gitondo. Hanyumanaciye ngaruka ngaha aho nasiguye ko ivyo nari nabonye ntari nzi ivyo ari vyo.Wari umurwi w'abamarayika indwi, turavyibuka. Iyo nkuru iri kw'ikasetey'Ubutumwa bwiswe ngo : « Bashingantahe, mbega iki ni co gihe? » Rero ubuni ibi nyene muriko murabona.

136 Ba bamarayika indwi... ivyo vyariko birabera mu burengero. Muribuka zantumwa ntonto : zagenda zerekeye mu Buseruko. Intumwa za kabiri ari zo numa(inyoni ziruta gatoya iza mbere mu bunini) na zo nyene zariko zerekeza mubuseruko. Naritegereza nkabona ziguma ziri kumwe nanje umwanya wose.Kwari ugukwegwa kwa mbere n'ukwa kabiri. Ariko ugukwegwa kwa gatatukwazananye mu Burengero, baguruka n'umuvuduko uteye ubwoba, maze bacabaranjana. Kwari ukugaruka mu Buseruko mfise ibanga ry'ibi ndwi bimatanijeca Gitabo, neza na neza nk'uko biri muri za nzozi za Junior Jackson, izoUmwami yansobanuriye ngo ndazimubwire. Muri iyo piramide harimwoibuye ryera ata cari canditseko. Ni co gituma vyari ngombwa ko nja mu Burengero kugira mpure n'Ubutumwa bw'abo bamarayika hanyuma ngarukeaha kubihishurira ishengero. Mwibuke ko navuze nti : « Ibikurikira bizobera ahamu rusengero. » Neza na neza ni ivyo.

137 Ndipfuza ko mubona ikindi kintu cabaye.Nimwumviriza ikasete yitwa:«Bashingantahe, mbega iki ni co gihe?», muzobona ko umwe muri abobamarayika, kuri jewe atari asanzwe. Abandi nabona ko ari abamarayikabasanzwe. Ariko uwo we yari umumarayika adasanzwe. Muri uwo murwiw'abamarayika wari umeze nka piramide, yari i bubamfu bwanje. Kandimwibuke ko muri piramide ariho harimwo urutare rwera

rw'ibanga ata corwanditseko. Kandi abamarayika banyinjiza muri iyo piramide bari bagize...Amabanga y'Imana azwi na bo gusa. Bari rero intumwa zari zaje gusiguraiyo « piramide », canke ubutumwa bw'ibanga ry'ibi ndwi bimatanije caGitabo vyari imbere muri iyo piramide.

138 Kandi uwo mumarayika yari i bubamfu bwanje yari vyukuri uwa nyumacanke umumarayika w'indwi, uharuye uvuye i bubamfu uja i buryo, kuko yari ibubamfu bwanje. Nanje naramwitegereza nerekeye uburengero, kandi na we,yerekeje i buseruko, yari mu ruhande rw'i bubamfu. Rero bwari ubutumwabw'umumarayika wa nyuma. Yaribonekeza cane. Muribuka ko navuze ko yariameze nk'uwuraramye, ko yari afise amababa manini asongoye kandi ko yarikoaraguruka antumbereye. Ico ni ic'indwi kimatanije ca Gitabo. Kandi kigumaari ikintu kidasa n'ibindi! Ntituramenya ivyo ari vyo kuko ntivyemewe kobimenwa.

Ariko abaje bose muri ibi bikorane barabonye uko ibi bikorane vyaribimeze. Umwe wese yasa n'uwuticaye ku ntebe kandi ayicayeko! Umwe weseniho yari ari kuva isaha indwi canke isaha umunani zo ku muhingamo arorereyeko bugurura imiryango kugira ashobore no kuguma ahagaze yegamiyeuruhome, ku buryo ahava yafashwe n'ibinyanya. Ni ibiki? Mpwemu Yera ni Wearungika izo ntumwa, kandi abo ni bo babiduhishurira. Kandi murabe ingeneivyo bintu vyose bihura neza mw'Ijambo.

139 Kandi kugira abibamenyeshe mwese ko ari ukuri, yabibuye amezi abiriimbere yuko bishika. Igihe naja mu burengero, ivyo ntavyo nari nzi, arikonagarutse ngaha mfise insiguro nk'uko yayimpaye. Ubwo mwibuke ko ata nakimwe yambwiye namba mu kwerekwa, igihe nazamurwa. Nari mfise ubwoba,natinya ko mpava mpfa, nkicwa n'ukwasirana kw'ikintu. Murabona, nta nakimwe bashobora kuvuga. Insobanuro yaje neza na neza igihe narindayikenereyeko, ni ukuvuga mu cumba canje. Kandi ivyo bintu narabibahayenk'uko yabimpaye.

Murabona, bagenzi bakundwa kw'ivyo nerekwa bitareka gushika. Vyamabitunganye. Koko ni ivy'ukuri.266. Ivyo nerekwa, Ijambo, ngashirako ivy'inkuru za kahise, ivy'ibihevy'ishengero : vyose hamwe biratunganye. Gurtyo rero, ndashobora kuvugavyukuri, ko aho ngeza gutahura kandi bihuje n'Ijambo ry'Imana, ukwerekwan'uguhishurirwa, insobanuro y'ivyo vyose ari « UKU NI KO UHORAHOAGIZE. »

Ubu rero Umwami ni abahezagire mwese. Umwe wese muri mwebwe, mugihe ubu duhagurutse ngo turirimbe ka karirimbo keza ka kera k'Ishengero.Imana ihezagire umwe ume wese muri mwebwe. Amen!

140 Nda (Imana ibahezagire) mukunda,

Ndamukunda (n'imitima yanyu yose)

Kubera ari We yabanje kunkunda,

Akandonkera agakiza kanje,

Ku giti c'i Kaluvariyo.

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7